REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

LOI N°1/09 DU 15 MAI 2025 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/02 DU 03 MARS 2016 PORTANT REFORME DE LA FISCALITE COMMUNALE AU BURUNDI

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/20 du 20 juin 2022 portant Révision de la Loi n°1/35 du 04 décembre 2008 relative aux Finances Publiques ;

Vu la Loi Organique n°1/05 du 16 mars 2023 portant Détermination et Délimitation des Provinces, des Communes, des Zones, des Collines et/ou des Quartiers de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/26 du 26 décembre 2023 portant Modification de la Loi n° 1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Vu la Loi Organique n°1/18 du 07 juin 2024 portant Réorganisation de l'Administration Communale ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

IBWIRIZWA INOMERO 1/09 RYO KU WA 15 RUSAMA 2025 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/02 RYO KU WA 03 NTWARANTE 2016 RIHINDURA AMAKORI N'AMATAGISI Y'IKOMINE MU BURUNDI

UMUKURU W'IGIHUGU,

Yihweje ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/20 ryo ku wa 20 ruheshi 2022 rihindura Ibwirizwa inomero 1/35 ryo ku wa 04 Kigarama 2008 ryerekeye ikigega c'Igihugu ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga rikongera rikaringaniza intara, amakomine, amazoni n'imitumba canke amakaritiye vya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/26 ryo ku wa 26 Kigarama 2023 rihindura Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 rishinga Igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/18 ryo ku wa 07 Ruheshi 2024 riringaniza gushasha intwaro mw'ikomine ;

Vu la Loi n°1/09 du 12 août 2016 portant Code de l'Urbanisme, de l'Habitat et de la Construction au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 12 Myandagaro 2016 rigenga ibisagara, uburaro n'inyubako mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/12 du 28 juin 2017 régissant les Sociétés Coopératives au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 28 Ruheshi 2017 rigenga amakoperative mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

Vu la Loi n°1/09 du 11 mai 2018 portant Modification du Code de Procédure Pénale ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ;

Vu la Loi n°1/05 du 20 février 2020 portant Fixation des Droits d'Enregistrement en matière Foncière ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/05 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2020 rishinga amafaranga y'ukwandikisha amatongo ;

Vu la Loi n° 1/10 du 16 novembre 2020 portant Modification de la Loi n°1/12 du 29 juillet 2013 portant Révision de la Loi n°1/02 du 17 février 2009 portant Institution de la Taxe sur la Valeur Ajoutée « TVA » ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/10 ryo ku wa 16 Munyonyo 2020 rihindura Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 29 Mukakaro 2013 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 17 Ruhuhuma 2009 rishinga itagisi nyongeragaciro « TVA » ;

Vu la Loi n°1/12 du 25 novembre 2020 relative aux Procédures Fiscales et Non Fiscales ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 25 Munyonyo 2020 ryerekeye ingene hatozwa amakori n'amatagisi hamwe n'ayandi mafaranga ;

Vu la Loi n°1/14 du 24 décembre 2020 portant Modification de la Loi n° 1/02 du 24 janvier 2013 relative aux Impôts sur les Revenus ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/14 ryo ku wa 24 Kigarama 2020 rihindura Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 24 Nzero 2013 ryerekeye amakori ku mafaranga yinjira ;

Vu la Loi n°1/19 du 17 juin 2021 portant Modification de la Loi n°1/24 du 10 septembre 2008 portant Code des Investissements du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 17 Ruheshi 2021 rihindura Ibwirizwa inomero 1/24 ryo ku wa 10 Nyakanga 2008 rigenga Igitabu c'ivy'imitahe mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/22 du 05 novembre 2021 portant Révision de la Loi n°1/11 du 14 juillet 2009 portant Création, Organisation et Fonctionnement de l'Office Burundais des Recettes ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 05 Munyonyo 2021 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 14 Mukakaro 2009 rishinga Ikigo c'Igihugu gitoza amakori n'amatagisi mu Burundi, ingene gitunganijwe n'ingene gikora ;

Vu la Loi n°1/27 du 28 décembre 2023 portant Modification du Code de Procédure Civile ;

Revu la Loi n°1/02 du 03 mars 2016 portant Réforme de la Fiscalité Communale au Burundi ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

PROMULGUE :

TITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

CHAPITRE I : DE L'OBJET ET DU CHAMP D'APPLICATION

Article 1 :
La présente loi détermine les recettes fiscales et non fiscales perçues et administrées par la commune.

Article 2 :
La commune établit, perçoit, administre et comptabilise les impôts et les taxes qui leur sont dévolus avec les mêmes obligations et prérogatives que l'administration fiscale de l'Etat.

Toutefois, l'Office Burundais des Recettes est chargé de l'établissement, du recouvrement, de l'administration, de la comptabilisation et du reversement à la commune bénéficiaire de la taxe prévue à l'article 82 de la présente loi.

Article 3 :
Les exonérations prévues par le Code des investissements ne sont pas applicables aux recettes communales.

Yihweje Ibwirizwa n°1/27 ryo ku wa 28 Kigarama 2023 risubiramwo Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 03 Ntwarante 2016 rihindura amakori n'amatagisi y'amakomine mu Burundi ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

ATANGAJE :

IKIGABANE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

IGICE CA I : IVYO IBWIRIZWA RIGENGA

Ingingo ya 1 :
Iri bwirizwa ritomora amakori n'amatagisi n'ayandi mafaranga atozwa akongera agakoreshwa n'ikomine.

Ingingo ya 2 :
Ikomine iraharura, igatoza, igakoresha ikongera igatunganya ibiharuro bijanye n'amakori hamwe n'amatagisi afitiye ububasha, akaba afise ivyo ategerejwe hamwe n'ububasha nk'ivy'ubutozakori bwa Reta.

Ariko, Ikigo c'igihugu gitoza amakori n'amatagisi mu Burundi ni co kijejwe gushinga, kwishuza, gutunganya, guharura no gushira mu kigega c'ikomine itagisi ritegekanijwe mu ngingo ya 82 y'iri bwirizwa.

Ingingo ya 3 :
Ingingo zijanye n'ugukurwako amakori zitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko agenga Igitabu c'ivy'imitahe ntizikurikizwa ku makori n'amatagisi ikomine yinjiza.

Article 4 :
Pour le recouvrement des impôts et taxes, des majorations, des pénalités, des intérêts et des frais ainsi que des amendes, la commune a le privilège général sur les revenus et sur les biens meubles et immeubles du redevable.

Ingingo ya 4 :
Mu kwishuza amakori n'amatagisi, ayongerwako, ayatangwa kubera gucerwa kuriha, inyungu n'ayandi mafaranga asabwa hamwe n'amahadabu, ikomine ni yo ifise uburenganzira imbere y'abandi bose ku mafaranga yinjira, ku matungo yimuka no ku yatimuka vy'uwishuzwa.

Article 5 :
Sont institués au profit de la commune :

- l'impôt sur le gros bétail ;
- la taxe par tête sur la vente de bétail et de volaille ;
- la taxe d'abattage ;
- l'impôt sur les cycles et les cyclomoteurs ;
- l'impôt foncier ;
- l'impôt sur le revenu locatif ;
- l'impôt sur les pylônes ;
- la taxe forfaitaire sur les activités et services commerciaux ;
- la taxe sur les cultures industrielles ;
- les recettes non fiscales.

Ingingo ya 5 :
Amafaranga ashinzwe agenewe ikomine ni :

- ikori ritozwa ku nka ;
- itagisi ritozwa ku gitungwa kigurishijwe hamwe nikiguruka ;
- itagisi ritozwa ku gitungwa kibazwe ;
- ikori ritozwa ku makinga no ku mapikipiki ;
- ikori ry'agataka ;
- ikori ku mafaranga ava mu bikoteshejwe ;
- ikori ritozwa kw'ipirone zishinzwe mw'ikomine ;
- itagisi rishingwa ic'amaso ritangwa ku bikorwa n'ubuzi bijanye n'ubudandaji ;
- itagisi ritangwa ku biterwa njabukamazi ;
- amafaranga yinjira atari amakori.

Article 6 :
Le paiement de l'impôt s'effectue au comptant au moment de la déclaration spontanée au cours de la période allant du 1er juillet au 30 septembre de chaque année.

Ingingo ya 6 :
Ikori ririhirwaho mu gihe c'ukurimenyesha umutangakori avyibwirije mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ku mwaka ku mwaka.

Le paiement est constaté par une pièce physique ou électronique délivrée au contribuable, établie et reconnue par l'administration et qu'il doit conserver pendant 4 ans. Ce délai est interrompu par un acte de recouvrement.

Irihwa ry'ikori ryemezwa n'urwandiko rw'urupapuro canke rwo mu buhinga bwa none ruhabwa umutangakori, rukozwe kandi rwemewe n'intwaro, kandi ategerezwa kurubika mu kiringo c'imyaka ine. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

Article 7 :
Les montants fixés aux articles 19, 22, 31, 47, 48, 53, 66, 67, 68, 69, 71, 72, 73, 74, 80 et 82 de la présente loi s'appliquent uniquement pendant l'exercice budgétaire en cours le jour de l'entrée en vigueur de la présente loi.

Ingingo ya 7 :
Ibitigiri bishinzwe mu ngingo za 19, 22, 31, 47, 48, 53, 66, 67, 68, 69, 71, 72, 73, 74, 80 na 82 z'iri bwirizwa bikora gusa mu kiringo c'umwaka w'amafaranga Reta izokoresha iri tegeko rigiriye mu ngiro.

Pour les autres années, il est fait application des montants déterminés par les lois de l'exercice budgétaire en cours.

CHAPITRE II : DES DEFINITIONS

Article 8 :
Au sens de la présente loi, on entend par :

1. **abattement fiscal,** une déduction fiscale appliquée en pourcentage ou une déduction fiscale forfaitaire sur un montant donné ;
2. **achèvement de la maison,** la maison est considérée comme achevée dès lors qu'elle est utilisable conformément à sa destination quel que soit son état ;
3. **adresse du contribuable ou de son représentant**, la localisation complète du siège ou du lieu de résidence officielle comprenant la commune, le quartier ou la colline, l'avenue, le numéro de porte, le numéro de téléphone, de la boîte postale ou l'adresse électronique ;
4. **activité distincte,** toute activité distincte dans un même établissement tel un hôtel, un cabaret, un restaurant ou une salle ;
5. **agent autorisé,** un agent de l' administration communale que l'administrateur a autorisé et habilité à effectuer des contrôles, à traiter et à échanger avec le contribuable, à procéder à des rectifications, à établir des notes d'imposition, à dresser des procès-verbaux, à assurer le recouvrement de l'impôt, à instruire le contentieux fiscal et l'application des dispositions relatives aux impôts et taxes visés à l'article 5 de la présente loi et qui a reçu des signes d'identification pour l'exercice de ses pouvoirs ;

Muyindi myaka, hazokwisungwa ibitigiri bizoba bitegakanijwe mu mabwirizwa ategekanya amafaranga Reta izoba iriko irakoresha muri iyo myaka.

IGICE CA II : INSIGURO Y'AMAJAMBO

Ingingo ya 8 :
Muri iri bwirizwa, aya majambo asigura :

1. **ukugabanya ikori,** ni ugukura ku gitigiri c'amafaranga kanaka y'ikori arihwa urugero kw'ijana rwayo canke urugero rushingwa ic'amaso ;
2. **inzu iheze,** ni inzu ifatwa ko yaheze kuva igihe ishobora gukoreshwa ico yagenewe uko yoba imeze kwose ;
3. **aho umutangakori canke uwumuserukira abarizwa,** ni ahari icicaro canke aho aba hazwi harimwo ikomine, ikaritiye canke umutumba, ibarabara, inomero y'umuryango, inomero y'iterefone, agasandugu ka posita canke agasandugu k'amakete ko mu buhinga ngurukanabumenyi ;
4. **igikorwa cigenga,** ni igikorwa kirangurirwa hamwe n'ibindi mu kigo kimwe nk'ihoteri, akabare, uburiro canke isare ;
5. **umukozi afise ububasha,** ni umukozi w'ikomine yahawe na musitanteri uruhusha n'ububasha vyo kugira amasuzuma, kwigira hamwe n'umutangakori ibibazo no guhanahana ivyiyumviro, kugira ivyo ahindura, bwo gutegura inzandiko zerekana ingene ikori ritangwa, kugira ivyegeranyo, kwishuza amakori, kugira itohoza ry'amatati ajanye n'ikori ritangishwa no gushira mu ngiro ingingo zerekeye amakori n'amatagisi avugwa mu ngingo ya 5 kuri iri bwirizwa kandi akaba yarahawe ibimuranga kugira arangure amabanga yashinzwe ;

6. **centre à vocation urbaine,** un centre déterminé par un décret portant classification des centres urbains ;

7. **contribuable,** toute personne assujettie aux impôts et aux taxes visés à l'article 5 de la présente loi ;

8. **exercice fiscal,** la période à laquelle se rapporte l'impôt dû ;

9. **force majeure,** tout événement imprévisible et irrésistible indépendant de la volonté d'une personne ;

10. **impôt,** un prélèvement obligatoire effectué par voie d'autorité par la puissance publique sur les ressources des personnes vivant sur son territoire ou y possédant des intérêts, sans contrepartie directe pour le contribuable ;

11. **milieu rural,** tout milieu qui n'est pas repris dans le décret portant classification des centres urbains ;

12. **recettes fiscales,** recettes qui proviennent des impôts et taxes ;

13. **recettes non fiscales**, les recettes qui proviennent des droits ou des redevances sur les services rendus par la commune ;

14. **taxe,** un prélèvement obligatoire effectué par voie d'autorité sur base d'une activité exercée par un contribuable.

6. **ikibanza kigenewe kwubakwamwo igisagara,** ni ikibanza gishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ko kiri mu mugwi w'ibisagara ;

7. **umutangakori,** ni umuntu wese ategerejwe gutanga amakori n'amatagisi avugwa mu ngingo ya 5 y'iri bwirizwa ;

8. **ikiringo c'ikori,** ni ikiringo kirihwamwo ikori ritegerejwe ;

9. **intambamyi ntasimbwa,** ni ikintu cose gishobora gushika kidategekanywa kandi atawushobora kubuza ko gishika ;

10. **ikori,** ni amafaranga ategerezwa gutozwa biciye ku butegetsi Reta iha ububasha ku matungo y'abantu baba ku gataka kayo canke bahafise inyungu ariko umutangakori ntihagire ico aca ahabwa gishoka kigaragara ;

11. **ahatari mu gisagara,** ni ahantu hose hatavugwa mw'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishira mu migwi ibisagara ;

12. **amafaranga y'amakori n'amatagisi,** ni amafaranga ava mu makori n'amatagisi ;

13. **amafaranga atari amakori n'amatagisi,** ni amafaranga arihwa ku vyo komine yakoreye umuntu canke ayo ategerejwe kuja arariha mw'ikomine ;

14. **itagisi,** ni amafaranga ategerezwa gutangwa ata guhigimanga hafatiwe ku gikorwa kirangurwa n'umutangatagisi.

TITRE II : DES IMPOTS, DES TAXES ET DES REDEVANCES PERCUS PAR LA COMMUNE

CHAPITRE I : DE L'IMPOT SUR LE GROS BETAIL, DE LA TAXE PAR TETE SUR LA VENTE DE BETAIL ET DE VOLAILLE

Section 1 : De l'impôt sur le gros bétail

Article 9 :
L'impôt sur le gros bétail est dû par le détenteur du bétail sevré à raison du nombre de têtes de bétail à sa disposition.

L'impôt sur le gros bétail est perçu sur chaque bovidé et équidé.

Article 10 :
Les animaux appartenant à l'Etat et aux communes ne sont pas soumis à l'impôt sur le gros bétail.

Article 11 :
L'impôt annuel sur le gros bétail est dû dans la commune d'immatriculation du bétail pour les têtes de bétail dont le redevable est propriétaire au 1er juillet de l'exercice d'imposition.

Article 12 :
Le gros bétail est immatriculé dans la commune d'élevage.

Le redevable de l'impôt est tenu de faire la déclaration du nombre de ses têtes de bétails au service fiscal de la commune d'élevage au cours de la période allant du 1er juillet au 30 septembre de l'année suivante.

Sauf notification contraire du contribuable au plus tard le 30 septembre de l'année, les plus récentes déclarations sont valables pour les années ultérieures.

IKIGABANE CA II : IVYEREKEYE AMAKORI, AMATAGISI N'AYANDI MAFARANGA ATOZWA N'IKOMINE

IGICE CA I : IVYEREKEYE IKORI KUGITUNGWA KIMWE KIGURISHIJWE HABA KURI KININI, GITOYA CANKE IKIGURUKA

Agace ka 1 : Ikori ku nka

Ingingo ya 9 :
Ikori ku nka ritangwa na nyeneyo ku nka yose imaze gucuka bivanye n'igitigiri c'inka afise.

Ikori ku nka ritozwa ku nka yose no ku bundi bwoko bw'ibitungwa vyuza.

Ingingo ya 10 :
Reta n'ikomine ntibitozwa ikori ry'ibitungwa bininibinini..

Ingingo ya 11 :
Ikori ryo ku mwaka ritangwa ku nka ritozwa n'ikomine inka ziba zanditswemwo hafatiwe ku gitigiri c'izo nyene inka afise ritangura kurihwa kuva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro ry'umwaka ikori ritegerezwa gutangwamwo.

Ingingo ya 12 :
Inka yandikwa mw'ikomine yororewemwo.

Nyene inka ategerezwa kumenyesha igitigiri c'inka atunze mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi inka yororewemwo mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ry'umwaka ukurikira

Kiretse hari ibindi umutangakori amenyesheje hatarenze kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ry'uwo mwaka, ibiheruka kumenyeshwa biba vyemewe mu myaka ikurikira

Article 13 :
Le défaut de déclaration dans les délais prescrits à l'article 12 de la présente loi entraîne une majoration de 10% de l'impôt dû, lorsque la déclaration a été déposée dans les trente jours.

L'absence de déclaration au-delà de trente jours entraîne une imposition d'office par l'administration communale avec une majoration de 50% de l'impôt dû.

Article 14 :
La production d'une déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne une majoration de 100% de l'impôt dû.

Article 15 :
Le tarif de l'impôt sur le gros bétail est fixé à 3000 BIF par tête.

Article 16 :
Le paiement de l'impôt s'effectue au comptant au moment de la déclaration.

Après la date limite de paiement, les montants restants dus sont majorés de 10% et de 1% par mois de retard.

Le paiement est constaté par une pièce physique ou électronique délivrée au contribuable, établie et reconnue par l'administration et qu'il doit conserver pendant 10 ans. Ce délai est interrompu par un acte de recouvrement.

En cas de non-paiement, l'impôt est rappelé et son recouvrement poursuivi pendant quatre ans. La prescription est interrompue par un acte de recouvrement.

Ingingo ya 13 :
Mu gihe nyene inka atamenyesheje igitigiri c'izo atunze mu biringo bitegekanijwe mu ngingo ya 12 y'iri bwirizwa, kw'ikori yategerezwa gutanga haca hongerwako ibice 10% vyaryo, igihe abimenyesheje mu misi mirongo itatu.

Mu gihe atabimenyesheje inyuma y'imisi mirongo itatu, ikomine ica yongera kw'ikori yategerezwa gutanga ibice 50%, itabanje kumugisha inama.

Ingingo ya 14 :
Ukumenyesha n'impaka ibitari ivy'ukuri canke ibirimwo ubusuma bituma ikori ryategerezwa gutangwa ryongerwako ibice 100% vyaryo.

Ingingo ya 15 :
Igiciro c'ikori ku nka ni amafaranga y'amarundi 3000.

Ingingo ya 16 :
Nyene inka arihiraho ikori mu gihe c'ukumenyesha izo atunze.

Inyuma y'igenekerezo ntarengwa ry'ukuriha ikori, igitigiri c'amafaranga asigaye atararihwa gica congerezwako ibice 10% vyayo hamwe n'igice 1% ku kwezi kumwekumwe kwo gucererwa kuriha.

Irihwa ry'ikori ryemezwa n'urwandiko rw'urupapuro canke rwo mu buhinga bwa none ruhabwa umutangakori, rukozwe kandi rwemewe n'intwaro, kandi ategerezwa kurubika mu kiringo c'imyaka icumi. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

Mu gihe ikori ritarishwe, rirasabwa, rikabandanya ryishuzwa mu kiringo c'imyaka ine. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kw'ishuza.

Section 2 : De la taxe par tête sur la vente de bétail et de volaille

Article 17 :
La taxe par tête sur la vente de bétail et de volaille est perçue sur la vente des bovins, des équidés, des caprins, des ovins et des porcins.

Article 18 :
La taxe par tête sur la vente du bétail et de volaille est due par le vendeur au moment et au lieu de la vente.

Le vendeur est tenu de faire la déclaration de la vente du bétail et de volaille.

Toute déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne une majoration de 100% de la taxe due.

Article 19 :
Les taxes par tête en francs Burundi sur la vente du bétail et de volaille sont les suivantes :

- bovins et équidés : 20 000 BIF ;
- ovins : 5 000 BIF ;
- caprins : 5 000 BIF ;
- porcins : 5 000 BIF ;
- volailles : 500 BIF ;
- lapins : 300 BIF.

Article 20 :
Le paiement de la taxe s'effectue au comptant au moment de la vente ou de la déclaration.

Le paiement est constaté par une pièce physique ou électronique délivrée au contribuable, établie et reconnue par l'administration, et qu'il doit conserver pendant 4 ans. Ce délai est interrompu par un acte de recouvrement.

Agace ka 2 : Itagisi ku gitungwa kigurishijwe n'ibiguruka

Ingingo ya 17 :
Itagisi ku gitungwa n'ibiguruka kigurishijwe ritozwa ku nka, ku bifatwa nk'ibitwazi, impene, intama n'ingurube.

Ingingo ya 18 :
Itagisi risabwa uwugurisha igitungwa n'ibiguruka akigurishije kandi akaririhira aho akigurishirije.

Uwugurishije igitungwa n'ibiguruka ategerezwa kumenyesha ko yakigurishije.

Ukumenyesha n'impaka ibitari vyo canke ibirimwo ubusuma mu buryo ubwo ari bwo bwose bituma itagisi ryategerezwa gutangwa ryongerwako ibice 100% vyaryo.

Ingingo ya 19 :
Amatagisi ku gitungwa n'ibiguruka kigurishijwe ni aya :

- inka n'ibifatwa n'amafarasi n'ibimeze nka vyo : amafaranga y'amarundi 20 000;
- intama : amafaranga y'amarundi 5 000 ;
- impene : amafaranga y'amarundi 5 000 ;
- ingurube : amafaranga y'amarundi 5 000 ;
- ibiguruka : amafaranga y'amarundi 500 ;
- ubukwavu: amafaranga y'amarundi 300.

Ingingo ya 20 :
Uwugurishije igitungwa arihiraho itagisi akigurishije canke amenyesheje ko yakigurishije.

Irihwa ry'ikori ryemezwa n'urwandiko rw'urupapuro canke rwo mu buhinga bwa none ruhabwa umutangakori, rukozwe kandi rwemewe n'intwaro, kandi ategerezwa kurubika mu kiringo c'imyaka ine. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

En cas de non-paiement, la taxe sur la vente de bétail est rappelée et son recouvrement poursuivi pendant dix ans. Cette prescription est interrompue par un acte de recouvrement.

Mu gihe itagisi ku gitungwa kigurishijwe ritarishwe, rirasabwa, rikabandanya ryishuzwa mu kiringo c'imyaka icumi. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

Section 3 : De la taxe d'abattage

Agace ka 3 : Itagisi ku gitungwa kibazwe

Article 21 :
La taxe est due par le boucher pour toute tête de bétail abattue au moment et au lieu de l'abattage.

Elle s'applique aux bovins, aux équidés, aux ovins, aux caprins et aux porcins.

Ingingo ya 21 :
Itagisi risabwa umuyangayanga ku gitungwa cose kibazwe mu gihe c'ukukibaga kandi akaririhira aho kibagiwe.

Iryo tagisi ritangwa ku nka, ibitwazi, indogobwa, imparage, intama, impene no ku ngurube.

Article 22 :
Sur l'abbatage, il est proposé les tarifs suivants en francs Burundi :

- bovins et équidés : 20 000 BIF ;
- ovins : 5 000 BIF ;
- caprins : 5 000 BIF ;
- porcins : 5 000 BIF.

Ingingo ya 22 :
Amatagisi atozwa ku bitungwa bibazwe aharurwa uku gukurikira :

-inka n'ibifatwa nk'amafarasi : amafaranga y'amarundi 20 000 ;

- intama : amafaranga y'amarundi 5.000 ;

- impene : amafaranga y'amarundi 5.000 ;

- ingurube : amafaranga y'amarundi 5.000.

Article 23 :
Le paiement de la taxe s'effectue au comptant au moment et au lieu de l'abattage.

Après cette date, les montants restants dus sont majorés de 50 %.

Le paiement est constaté par une pièce physique ou électronique délivrée au contribuable, établie et reconnue par l'administration, et qu'il doit conserver pendant 4 ans. Ce délai est interrompu par un acte de recouvrement.

En cas de non-paiement, l'impôt est rappelé et son recouvrement poursuivi pendant dix ans. La prescription est interrompue par un acte de recouvrement.

Ingingo ya 23 :
Itagisi ririhwa ubwo nyene igitungwa gihejeje kubagwa kandi rikarihirwa aho kibagiwe.

Inyuma y'iryo genekerezo, igitigiri c'amafaranga asigaye atararihwa gica congerezwako ibice 50%.

Irihwa ry'ikori ryemezwa n'urwandiko rw'urupapuro canke rwo mu buhinga bwa none ruhabwa umutangakori, rukozwe kandi rwemewe n'intwaro, kandi ategerezwa kurubika mu kiringo c'imyaka ine. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

Mu gihe itagisi ku gitungwa kibazwe ritarishwe, rirasabwa, rikabandanya ryishuzwa mu kiringo c'imyaka icumi. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

CHAPITRE II : DE L'IMPOT SUR LES CYCLES ET LES CYCLOMOTEURS

Article 24 :
Il est perçu un impôt annuel sur les cycles et les cyclomoteurs qui ne sont pas assujettis à l'impôt sur les véhicules à moteur perçu par l'Etat.

Article 25 :
Les cycles et les cyclomoteurs doivent être immatriculés dans la commune de résidence du propriétaire.

Article 26 :
L'impôt est acquitté par les propriétaires des cycles ou des cyclomoteurs.

Lorsque des cycles ou des cyclomoteurs appartiennent à des personnes mineures ou à des personnes majeures interdites, le père, la mère, le tuteur ou le curateur de ces personnes leur sont substitués pour les obligations et les charges en résultant. L'impôt est dû en leur nom et recouvré sur eux.

Article 27 :
L'impôt est dû pour l'année entière pour chacun des cycles et des cyclomoteurs dont le redevable dispose au 1er juillet de l'exercice d'imposition.

L'impôt est dû dans la commune de résidence du propriétaire du cycle ou du cyclomoteur et le paiement s'effectue au moment de la déclaration.

Article 28 :
Sont exonérés de l'impôt :

- les cycles et les cyclomoteurs constituant les propriétés des institutions publiques et de la commune ;
- les cycles et les cyclomoteurs servant de moyen de locomotion des personnes vivant avec handicap.

IGICE CA II : IVYEREKEYE IKORI KU MAKINGA N'AMAPIKIPIKI

Ingingo ya 24 :
Reta iratoza ikori ryo ku mwaka amakinga n'amapikipiki bitarabwa n'ikori ritangwa ku miduga ifise imoteri.

Ingingo ya 25 :
Amakinga n'amapikipiki bitegerezwa kuronswa inomero ibiranga mw'ikomine benevyo babamwo.

Ingingo ya 26 :
Ikori ritangwa na bene amakinga canke amapikipiki.

Igihe bene amakinga canke amapikipiki ari abana canke abantu batswe ububasha bw'ugukoresha uburenganzira bwabo, se, nyina, umurezi canke uwagenywe gukurikirana inyungu z'abo bantu ni bo baca babazwa ibijanye n'ivyo bategerejwe hamwe n'ukuriha ivyo bategerezwa kwishura bijanye. Ikori risabwa kw'izina ryabo kandi akaba ari bo baritanga.

Ingingo ya 27 :
Ikori risabwa ku mwaka wuzuye kw'ikinga rimwerimwe n'ipikipiki imwimwe uwuritanga aba afise kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro mu mwaka ategerezwa gutangamwo ikori.

Ikori ritangirwa mw'ikomine nyene ikinga canke ipikipiki abamwo akaririha amenyesheje ico atunze.

Ingingo ya 28 :
Ibitarihishwa ikori ni ibi bikurikira :

- amakinga n'amapikipiki vy'amashirahamwe ya Reta be na komine ;
- amakinga n'amapikipiki akoreshwa n'abagendana ubumuga mu kwiyunguruza.

Article 29 :
En cas de vente, les personnes qui, dans le courant de l'exercice fiscal, acquièrent des cycles ou cyclomoteurs imposables sont redevables de la taxe sans tenir compte des impôts dont sont redevables les précédents possesseurs à partir du 1er du mois dans lequel la transaction s'est réalisée. L'impôt dû avant la transaction est imputable au précédent propriétaire.

Ingingo ya 29 :
Igihe amakinga canke udupikipiki dutoya ategerezwa gutangirwa ikori agurishijwe, abantu baba bayaguze mu kiringo ikori ritangwamwo bategerezwa kuriha itagisi badafatiye ku makori yahora arihwa n'abahora bayatunze kuva kw'igenekerezo rya mbere ry'ukwezi bayaguzemwo. Ikori ryasabwa imbere y'ukuyagurisha ribazwa uwahora atunze ikinga canke ipikipiki.

Article 30 :
Les propriétaires sont tenus de faire la déclaration des cycles ou des cyclomoteurs auprès de l'administration de leur commune de résidence au cours de la période allant du 1er juillet au 30 septembre de chaque année.

Sauf notification contraire du contribuable faite au plus tard le 30 septembre de l'année en cours, les plus récentes déclarations sont valables pour les années suivantes.

Le défaut de déclaration et de paiement dans les délais prescrits entraîne une majoration de 10% de l'impôt dû, lorsque la déclaration a été déposée dans les trente jours calendaires qui suivent la date limite de déclaration.

L'absence de la déclaration au-delà de trente jours entraîne une imposition d'office par l'administration communale avec une majoration de 50% de l'impôt dû.

La production d'une déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne une majoration de 100% de l'impôt dû.

Ingingo ya 30 :
Bene amakinga canke amapikipiki bategerezwa kuyamenyesha mw'ikomine babamwo mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ku mwaka ku mwaka.

Kiretse hari ibindi umutangakori amenyesheje hatarenze kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ry'uwo mwaka, ibiheruka kumenyeshwa biba vyemewe mu myaka ikurikira.

Mu gihe nyene ikinga canke ipikipiki atamenyesheje ico atunze kandi atarishe ikori mu biringo bitegekanijwe, kw'ikori yategerezwa gutanga haca hongerwako ibice 10% vyaryo, igihe abimenyesheje mu misi mirongo itatu ikurikirana ikurikira igenekerezo ntarengwa yategerezwa kubimenyesherezako.

Mu gihe atabimenyesheje inyuma y'imisi mirongo itatu, ikomine ica yongera kw'ikori yategerezwa gutanga ibice 50% vyaryo, itabanje kumugisha inama.

Ukumenyesha n'impaka ibitari vyo canke ibirimwo ubusuma bituma ikori ryategerezwa gutangwa ryongerwako ibice 100% vyaryo.

Article 31 :
Tout propriétaire de cycle, cyclomoteur ou tout engin roulant à deux roues à l'exception de motos le fait immatriculer à la commune de son ressort.

Ingingo ya 31 :
Nyene ikinga canke nyene ingendeshwa iyo ariyo yose y'amapine abiri kiretse ipikipiki ayambika iparati ahawe na komine akoreramwo.

Le service de recouvrement distingue par l'immatriculation les cycles et cyclomoteurs des affaires et promenades avec ceux exerçant des activités commerciales.

Les tarifs de l'impôt sont fixés à 2000 BIF pour les cycles et 5.000 BIF pour les cyclomoteurs.

La taxe de transfert est fixée à 2.000 BIF pour les cycles et 5.000 BIF pour les cyclomoteurs.

Après la date limite de paiement, les montants restants dus sont majorés de 20% et de 5% par mois de retard.

Le paiement s'effectue au comptant au moment de leur déclaration pour les nouveaux cycles ou les cyclomoteurs.

Article 32 :
Tout propriétaire de cycle ou de cyclomoteur doit être en mesure de justifier du paiement de l'impôt.

La production d'une déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne une majoration de 100% de l'impôt dû.

En cas de non-paiement, l'impôt est rappelé et son recouvrement poursuivi pendant dix ans. Cette prescription est interrompue par un acte de recouvrement.

L'administrateur communal peut faire procéder à la mise en fourrière des cycles et des cyclomoteurs pour lesquels l'impôt annuel n'a pas été acquitté au 30 septembre.

CHAPITRE III : DE L'IMPOT FONCIER

Article 33 :
Il est établi un impôt réel annuel sur les propriétés foncières bâties et les terrains constituant les dépendances immédiates et nécessaires des constructions situées dans les centres urbains et semi-urbains.

Igisata cegeranya amatagisi kiratandukanya biciye ku maparati amakinga n'izindi ngendeshwa z'amapine zikoreshwa n'imoteri yagenewe gutembera n'ayakora urucuruzwa.

Ikori ritozwa kw'ikinga ni amafaranga y'amarundi 2000 kw'ipikipiki naho ni 5000.

Itagisi ry'ukwandikisha ku wundi ikinga ni amafaranga y'amarundi 2000 n'amafaranga y'amarundi 5000 kw'ipikipiki.

Inyuma y'igenekerezo ntarengwa ry'ukuriha ikori, amafaranga aba asigaye kurihwa, aca yongerwako ibice 20% n'ibice 5% ku kwezi kumwekumwe kwose kw'ugucererwa kuriha.

Nyene ikinga canke ipikipiki arihiraho mu gihe c'ukumenyesha ikinga canke ipikipiki nshasha.

Ingingo ya 32 :
Nyene ikinga canke ipikipiki wese ategerezwa kuba afise icemeza ko yarishe ikori.

Ukumenyesha n'impaka ibitari vyo canke ibirimwo ubusuma bituma ikori ryategerezwa gutangwa ryongerwako ibice 100% vyaryo.

Mu gihe ikori ritarishwe, rirasabwa, rikabandanya ryishuzwa mu kiringo c'imyaka icumi. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

Musitanteri arashobora gupfungira mu kibanza cabigenewe amakinga n'amapikipiki atarihiwe ikori ry'umwaka kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga.

IGICE CA III : IVYEREKEYE IKORIRY'AGATAKA

Ingingo ya 33 :

Harashizweho ikori ririhwa ku mwaka ku matongo yubatswemwo n'amatongo akenewe afatanye n'ivyubatswe biri mu bisagara no mu bisagara bitaratera imbere.

Article 34 :

L'impôt foncier est dû par le titulaire du droit de propriété, de possession, d'emphytéose, de superficie ou d'usufruit des biens imposables.

Est considéré comme usufruitier au sens de l'alinéa précédent, et donc imposable, tout occupant qui ne justifie pas d'un contrat de location mentionnant précisément le nom et l'adresse du propriétaire.

Ingingo ya 34 :

Ikori ry'agataka ririhwa na nyene itongo, uwufise ububasha kw'itongo atari rwiwe, uwufise intizo y'itongo mu gihe kirekire, uwufise ububasha ku bintu biri ku gataka atari rwiwe mu gihe kizwi n'ububasha bw'ukwifashisha amatungo y'uwundi atangishwa ikori.

Afatwa nk'uwifashisha amatungo y'uwundi nk'uko bivugwa mu gahimba gahejeje kuvugwa, agatangishwa rero ikori, umuntu wese adafise amasezerano y'ugukota yerekana neza izina rya nyene itongo n'aho abarizwa.

Article 35 :

En cas de mutation d'une propriété par suite de vente ou toute autre cause, l'ancien propriétaire est tenu d'en faire la déclaration au service fiscal de la commune, dans un délai de quinze jours calendaires prenant cours à partir de la date de signature de contrat.

Le nouvel acquéreur est tenu en outre d'en informer la commune dans les dix jours calendaires prenant cours à partir de la date de signature du contrat.

A défaut, le nouveau propriétaire est tenu au paiement de tous les impôts fonciers restants dus, relatifs à l'immeuble, solidairement avec l'ancien propriétaire.

La déclaration visée à l'alinéa premier du présent article doit être appuyée de la copie certifiée conforme à l'original, du document apportant la preuve, à la satisfaction de l'administration, du changement de titulaire des biens imposables.

Ingingo ya 35 :

Mu gihe itongo rihanahanywe biturutse ku kugurisha canke iyindi mvo iyo ari yo yose, uwahora ari nyene ryo ategerezwa kubimenyesha mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo amasezerano yashiriweko umukono.

Vyongeye, nyene itongo mushasha ategerezwa kubimenyesha mw'ikomine mu misi icumi ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo amasezerano yashiriweko umukono.

Bitagenze uko, nyene itongo mushasha ategerezwa kuriha amakori yose y'agataka yari asigaye kurihwa ajanye n'ikitimuka, afadikanije n'uwahora ari nyene itongo.

Urwandiko rw'ukumenyesha ibivugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo rutegerezwa kuba ruri kumwe n'ikopi yemejwe ko isa n'urupapuro rw'imvaho, urwandiko rwemeza, nk'uko bisabwa n'ubutegetsi, ko hahindutse nyene amatungo atangishwa ikori.

Article 36 :
Sont exonérées de l'impôt foncier :

1° les propriétés appartenant à l'Etat ou aux communes lorsqu'elles sont affectées à un service public ou d'utilité générale et non productives de revenus ;

2° les propriétés visées par une convention internationale ratifiée par le Burundi, sous réserve de réciprocité ;

3° les immeubles et les parties d'immeubles bâtis :

a. servant exclusivement à l'exercice public d'un culte légalement reconnu ou comme résidence aux ministres de ce culte pour autant que, la résidence appartient à une association sans but lucratif signataire d'une convention d'exonération avec l'Etat ;

b. affectés exclusivement à l'enseignement, à la recherche scientifique ou technique, à des activités sociales, culturelles ou sportives ;

c. utilisés pour le captage ou le traitement de l'eau potable ou pour l'assainissement des eaux usées ;

d. nouvellement construits pendant une durée de trois années civiles suivant celle de leur achèvement.

Article 37 :
Les exonérations mentionnées au littéra d, de l'article 36 de la présente loi ne dispensent pas les bénéficiaires de l'obligation de déclaration.

Ingingo ya 36 :
Ibitarihishwa ikori ry'agataka ni :

1° amatongo ya Reta canke y'ikomine igihe akoreshwa n'igisata ca Reta canke akoreshwa ku neza ya bose kandi akaba ata mafaranga yinjiza ;

2° amatongo yerekewe n'amasezerano mpuzamakungu Uburundi bwashizeko umukono, hatirengagijwe ingingo magiriranire ;

3° ibitimuka n'ibice vy'ibitimuka vyubatswe :

a. bikoreshwa gusa ku bikorwa vy'amasengero yemewe n'amategeko canke abarongoye ayo masengero babamwo mu gihe inyubakwa babamwo ari iz'ishirahamwe ridaharanira inyungu z'amafaranga ryagize amasezerano na Reta y'ugukurwako ikori ;

b. bikoreshwa gusa mu bijanye n'amashure, ubushakashatsi canke ubuhinga, mu bikorwa bijanye n'imibano, imico kama canke ibijanye n'inkino ;

c. bikoreshwa mu gukwega amazi canke ukuyahingura kugira anyobwe canke mu gusukura amazi yakoreshejwe ;

d. haheze imyaka itatu vyubatswe ikurikira umwaka vyaherejwemwo kwubakwa.

Ingingo ya 37 :
Ibitarihishwa ikori bivugwa mu karongo ka d, k'ingingo ya 36 y'iri bwirizwa ntibibuza bene vyo kubimenyesha.

Article 38 :
La superficie bâtie imposable est la superficie extérieure cumulée de tous les niveaux de la construction, y compris les vérandas, les perrons, les galeries et la terrasse, arrondie au mètre carré inférieur.

Ingingo ya 38 :
Uburinganire bwubatswemwo burihishwa ikori ni uburinganire bwo hanze bwongeweko ahari icubatswe hose no mu maduga yaco harimwo ibaraza, ingazi, gareri n'imbere y'inzu hadasakaye, hakuweko ibice birenga ku metero kwadarato zatowe.

Article 39 :
L'impôt foncier est dû pour l'année entière sur la base de la superficie et des caractéristiques des terrains tels que définis à l'article 33 de la présente loi, existant au 1er juillet de l'année d'imposition.

Ingingo ya 39 :
Ikori ry'agataka ritangwa ku mwaka wuzuye hafatiwe ku buringanire bw'amatongo hamwe n'ibiyaranga nk'uko bitomowe mu ngingo ya 33 y'iri bwirizwa, bikaba bihari kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro ry'umwaka utangwamwo ikori.

Article 40 :
Les immeubles reconstruits ou notablement modifiés sont imposables, d'après leurs superficies nouvelles, à partir du 1er juillet qui suit leur reconstruction ou leur transformation.

Ingingo ya 40 :
Ibitimuka vyasubiwemwo kwubakwa canke vyahinduwe bimwe biboneka birarihishwa ikori, hafatiwe ku buringanire bushasha bwavyo, kuva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro rikurikira isubirwamwo canke ihindurwa ryavyo.

Article 41 :
Les personnes assujeties à l'impôt visé à l'article 33 de la présente loi doivent déclarer tous les éléments nécessaires à l'application de la présente loi et payer l'impôt au cours de la période allant du 1er juillet au 30 septembre de chaque année.

Ingingo ya 41 :
Abantu berekewe n'ikori rivurwa mu ngingo ya 33 ry'iri bwirizwa bategerezwa kumenyesha ibikenewe vyose mw'ishirwa mu ngiro ry'iri bwirizwa no kuriha ikori mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ku mwaka ku mwaka.

Article 42 :
Les redevables de l'impôt foncier doivent souscrire une déclaration de la situation de l'immeuble dans la commune.

Ingingo ya 42 :
Abategerejwe gutanga ikori ry'agataka bategerezwa gushikiriza urwandiko rumenyesha ibijanye n'inyubakwa mw'ikomine.

La déclaration doit mentionner distinctement :

a. tous les bâtiments imposables ou non situés sur une même parcelle, la superficie de chaque bâtiment et les indications sur l'accessibilité, le confort et la nature des matériaux de construction ;

Urwo rwandiko rutegerezwa kwerekana neza :

a. inyubakwa zose zitangirwa canke zidatangirwa ikori ziri kw'iparasera imwe, uburinganire bw'inyubakwa imwimwe yose n'ivyerekana ko vyoroshe kuyishikira, ibituma uwuyibamwo yoroherwa n'ubwoko bw'ivyakoreshejwe mu kuyubaka ;

b. la superficie de chaque parcelle et les indications sur l'accessibilité et le raccordement aux réseaux.

Article 43 :
Le formulaire de déclaration est établi par ordonnance du ministre ayant l'administration du territoire dans ses attributions.

Article 44 :
En cas d'absence de déclaration ou de notification du contribuable au plus tard le 30 septembre de l'année, la plus récente déclaration est provisoirement valable pour l'établissement des impositions. L'administration communale peut procéder chaque année ou périodiquement au renouvellement partiel ou général des déclarations.

Le redevable de l'impôt foncier est tenu de déclarer au service fiscal de la commune la construction ou la transformation d'immeubles dans un délai d'un mois à compter de la date d'achèvement. La déclaration doit être accompagnée du plan de l'immeuble construit ou transformé.

Constitue une transformation, toute modification des caractéristiques et de la superficie imposable susceptible d'entraîner une augmentation ou une diminution du montant de l'impôt.

Article 45 :
Le défaut de déclaration dans les délais prescrits entraîne une majoration de 10% de l'impôt dû lorsque la déclaration a été déposée dans les trente jours calendaires qui suivent la date limite de déclaration.

b. uburinganire bw'iparasera imwimwe yose n'ivyerekana ko vyoroshe kuyishikira, n'uko imihora itandukanye ihari canke itahari.

Ingingo ya 43 :
Urwandiko rwuzuzwa rumenyesha ibijanye n'inyubakwa rushingwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo intwaro yo hagati mu gihugu.

Ingingo ya 44 :
Mu gihe umutangakori adashikirije urwandiko rumenyesha ibijanye n'inyubakwa canke atamenyesheje ikori atanga hatarenze kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ry'umwaka w'ikori, urwandiko ruba ruheruka gushikirizwa ni rwo ruba rurakoreshwa ivy'imfatakibanza mu guharura ikori ritangwa. Ikomine irashobora ku mwaka ku mwaka canke ku kiringo kanaka guhindura bimwebimwe canke vyose mu biri mu rwandiko rwashikirijwe.

Uwutegerejwe gutanga ikori ry'agataka ategerezwa kumenyesha mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi ibitimuka yubatse canke yasubiyemwo mu kiringo c'ukwezi kumwe giharurwa kuva kw'igenekerezo vyaherejweko kwubakwa canke gusubirwamwo. Urwandiko rubimenyesha rutegerezwa kuba ruri kumwe n'ipura y'ikitimuka cubatswe canke casubiwemwo.

Ugusubiramwo ikitimuka ni uguhindura mu buryo ubwo ari bwo bwose ibikiranga n'uburinganire butangirwa ikori bigashobora gutuma ikori riduzwa canke rigabanurwa.

Ingingo ya 45 :
Mu gihe nyene ikitimuka atamenyesheje ikori atanga mu biringo bitegekanijwe, kw'ikori yategerezwa gutanga haca hongerwako ibice 10% vyaryo, igihe abimenyesheje mu misi mirongo itatu ikurikirana ikurikira igenekerezo ntarengwa yategerezwa kubimenyesherezako.

L'absence de déclaration au-delà de trente jours entraîne une imposition d'office par l'administration communale avec une majoration de 50 % de l'impôt dû.

Lorsque le montant de l'impôt déclaré est inférieur au montant qui devait être déclaré, le contribuable est en outre passible de l'amende suivante, à moins que le contribuable puisse démontrer qu'il est de bonne foi ou que la faute de calcul est imputable au service fiscal communal :

1° 5% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 5% ou plus, sans toutefois atteindre 10% de l'impôt qui devait être déclaré ;

2° 10% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 10% ou plus, sans toutefois atteindre 20% de l'impôt qui devait être déclaré ;

3° 20% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 20% ou plus, sans toutefois atteindre 50% de l'impôt qui devrait être déclaré ;

4° 50% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 50% ou plus de l'impôt qui devait être déclaré.

Le contribuable qui corrige sa déclaration avant que ne lui soit notifié un avis de vérification ne se voit pas appliquer l'amende dont il est question au troisième alinéa du présent article.

La production d'une déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne une majoration de l'impôt dû de 100%.

L'administrateur communal défère en outre le cas au ministère public.

Mu gihe umutangakori atamenyesheje itagisi mu biringo bishingwa n'ingingo ya 77 y'iri bwirizwa, kw'ikori yategerezwa gutanga haca hongerwako ibice 10% vyaryo, igihe abimenyesheje mu misi mirongo itatu ikurikirana ikurikira igenekerezo ntarengwa ry'ukubimenyesherezako.

Mu gihe atabimenyesheje inyuma y'imisi mirongo itatu, ikomine ica yongera kw'itagisi yategerezwa gutanga ibice 50%, itabanje kumugisha inama.

Lorsque le dépôt tardif d'une déclaration est accompagné du paiement de la totalité de la taxe, la majoration n'est pas applicable.

Lorsque le montant de la taxe déclarée est inférieur au montant qui devait être déclaré, le contribuable est, à moins qu'il ne puisse démontrer qu'il est de bonne foi ou que la faute de calcul est imputable au service fiscal communal, passible de l'amende calculée comme suit :

a. 5% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 5% ou plus, sans toutefois atteindre 10% de l'impôt qui devait être déclaré ;

b. 10% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 10% ou plus, sans toutefois atteindre 20% de l'impôt qui devait être déclaré ;

c. 20% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 20% ou plus, sans toutefois atteindre 50% de l'impôt qui devait être déclaré ;

d. 50% du montant de la sous-estimation si celle-ci s'élève à 50% ou plus de l'impôt qui devait être déclaré.

Le contribuable, qui corrige sa déclaration avant que ne lui soit notifié un avis de vérification ne se voit pas appliquer l'amende dont il est question à l'alinéa 2 du présent article.

Mu gihe urwandiko rumenyesha ko yacerewe kuriha ruba ruri kumwe n'icemeza ko amafaranga y'itagisi yose yarishwe ntacongerwako.

Mu gihe igitigiri c'amafaranga y'itagisi camenyeshejwe kidashika ico yategerezwa kumenyesha, umutangakori arihishwa kandi ihadabu riharurwa uku gukurikira, kiretse iyo ashoboye kwerekana ko yabigize ata buryarya canke ko ikosa ry'uguharura itagisi ryakozwe n'igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi :

a. ibice 5% vy'igitigiri c'amafaranga y'ikori ritamenyeshejwe igihe ayatamenyeshejwe angana n'ibice 5% canke birenga, ariko bidashikana ibice 10% vy'ikori ryari kuba ryamenyeshejwe ;

b. ibice 10% vy'igitigiri c'amafaranga y'ikori ritamenyeshejwe igihe ayatamenyeshejwe angana n'ibice 10% canke birenga, ariko bidashikana ibice 20% vy'ikori ryari kuba ryamenyeshejwe ;

c. ibice 20% vy'igitigiri c'amafaranga y'ikori ritamenyeshejwe igihe ayatamenyeshejwe angana n'ibice 20% canke birenga, ariko bidashikana ibice 50% vy'ikori ryari kuba ryamenyeshejwe ;

d. ibice 50% vy'igitigiri c'amafaranga y'ikori ritamenyeshejwe igihe ayatamenyeshejwe angana n'ibice 50% canke birenga vy'ikori ryari kuba ryamenyeshejwe.

Umutangakori akosoye ivyo yari yamenyesheje imbere yuko ashikirizwa urwandiko rw'uguhinyuza ikori ryamenyeshejwe ntarihishwa ihadabu rivugwa mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo.

Article 80 :
La taxe due est payée au comptant au moment du dépôt de la déclaration.

Après la date limite de paiement, les montants restants dus sont majorés de 20% et de 5% par mois de retard.

En cas de non-paiement, l'impôt est rappelé et son recouvrement poursuivi pendant dix ans. La prescription est interrompue par un acte de recouvrement.

CHAPITRE VII : DES RECETTES NON FISCALES

Article 81 :
La commune perçoit des droits et redevances en rémunération des services rendus.

Article 82 :
Les droits et redevances énoncés à l'article 81 de la présente loi sont perçus conformément aux tarifs figurant dans le tableau ci-dessous :

Ingingo ya 80 :
Itagisi ritegerejwe gutangwa ririhirwaho mu gihe c'ukumenyesha ibirihwa.

Inyuma y'igenekerezo ntarengwa ry'ukuriha itagisi, igitigiri c'amafaranga asigaye atararihwa gica congerezwako ibice 20% vyaryo hamwe n'ibice 5% ku kwezi kumwekumwe kwo gucererwa kuriha.

Mu gihe ikori ritarishwe, rirashobora gusubira gusabwa, rikabandanya ryishuzwa mu kiringo c'imyaka icumi. Ico kiringo gihagarikwa n'urwandiko rwo kwishuza.

IGICE CA VII : IVYEREKEYE AMAFARANGA YINJIRA ATARI AMAKORI N'AMATAGISI

Ingingo ya 81 :
Ikomine iratoza amafaranga atari amakori n'amatagisi ku vyo irangurira abayitura.

Ingingo ya 82 :
Amafaranga atari amakori n'amatagisi ategekanijwe mu ngingo ya 81 y'iri bwirizwa atozwa hisunzwe ibiciro biri mu cubake gikurikira :

Code/*Igiharuro gipfinditse*	Nature de l'activité/*Ubwoko bw'igikorwa*	Tarif en BIF/*Igiciro mu mafaranga y'amarundi*				Fréquence /*Incuro*
		Villes principale/*Ibisagara bikuru*	Villes secondaires/*Ibisagara bibayabaye*	Centres à vocation urbaine/*Ibibanza bigenewe kwubakwamwo ibisagara*	Milieux ruraux/*Ahatari mu bisagara*	
6000	Attestations (de naissance, d'état-civil, d'identité complète, de résidence, de bonne conduite vie et mœurs et autres attestations) /*Inzandiko (urw'amavuko, ndangamuntu, urudondora umuntu, urwerekana aho umuntu aba, urwemeza ko umuntu yigenza neza mu buzima kandi afise imico myiza hamwe n'izindi nzandiko)*	1 000	1 000	1 000	1 000	Par document/*Kurwandiko*
6001	Extrait d'acte de l'état-civil (de naissance, de mariage, de décès, actes autres) /*Iyimuriro y'urwandiko ndangamuntu (urw'amavuko, urwemeza ko yubatse canke atubatse, urwemeza ko umuntu yapfuye, izindi nzandiko)*	2 000	2 000	2 000	2 000	Par document /*Ku rwandiko*
6002	Copie d'acte d'état-civil (de naissance, de mariage, actes autres) /*Ikopi y'urwandiko ndangamuntu (iy'amavuko, iyemeza ko yubatse canke atubatse, izindi nzandiko)*	10 000	10 000	10 000	10 000	Par document/*Kurwandiko*
6003	Acte de notoriété pour mariage/*urwandiko rwemeza ko umuntu yubatse biciye mu mategeko*	10 000	10 000	10 000	10 000	Par document /*Ku rwandiko*
6004	Inscription au mariage/*Ukwandikisha ubugeni*	10 000	10 000	10 000	10 000	Par inscription/*Kubugeni bwandikishijwe*
6005	Livret de famille/*Agatabuk'umuryango*	3 000	3 000	3 000	-	Par document/*Kurwandiko*
6006	Certificat de publication et de non empêchement de mariage pour les étrangers/*Urwandiko rutangaza ubugeni n'urwandiko rwemeza ko ata ntambamyi zobabuza kugira ubugeni mu gihe ari abanyamahanga*	50 000	50 000	50 000	50 000	Par document/*Kurwandiko*

Code/*Igiharuro gipfinditse*	Nature de l'activité/*Ubwoko bw'igikorwa*	Tarif en BIF/*Igiciro mu mafaranga y'amarundi*				Fréquence /*Incuro*
		Villes principale/*Ibisagara bikuru*	Villes secondaires/*Ibisagara bibayabaye*	Centres à vocation urbaine/*Ibibanza bigenewe kwubakwamwo ibisagara*	Milieux ruraux/*Ahatari mu bisagara*	
6007	Authentification d'acte/*Ukwemeza urwandiko*	2 000	2 000	2 000	2 000	Par document/*Kurwandiko*
6008	Carte Nationale d'Identité/*Ikarata ndangamuntu*	1000	1000	1000	1000	Par document/*Kurwandiko*
6009	Acte de notoriété tenant lieu d'acte de naissance ou mariage/*Urwandiko rwemewe n'amategeko rufatwa nk'urwandiko rw'amavuko canke urwerekana ko yubatse canke atubatse*	10 000	10 000	10 000	10 000	Par document/*Kurwandiko*
6010	Attestation de reconnaissance de résidence pour étranger/*Urwandiko rwemeza aho umunyamahanga aba*	100 000	100 000	100 000	100 000	Par document/*Kurwandiko*
6011	Formulaire d'autorisation de résidence (pour visa d'établissement) /*Urupapuro rwuzuzwa rutanga uruhusha rw'ukuba ahantu (ku ruhusha rw'ukuba mu Burundi)*	100 000	100 000	70 000	50 000	Par document/*Kurwandiko*
6012	Affiche publicitaire sur espace public /*Urwandiko rw'ibimenyekanishwa rumanitswe mu kibanza kigenewe bose*	5 000	5 000	5 000	5 000	Par m^2/an/*Ku metero kwadarato* /*ku* mwaka
6013	Attestation de dernière résidence (étranger)/*Urwandiko rwerekana aho umuntu yaherukiye kuba (umunyamahanga)*	100 000	100 000	100 000	100 000	Par document/*Kurwandiko*
6014	Affiche publicitaire sur espace privé/*Urwandiko rw'ibimenyekanishwa rumanitswe mu kibanza c'umuntu*	5 000	5 000	5 000	5 000	Par m^2 /an/ *Ku metero kwadarato* /*ku* mwaka
6015	Attestation de non redevabilité/*Urwandiko rwemeza ko umuntu ata co aheranye*	5000	5000	5000	5000	Par document/*Kurwandiko*
6016	Attestation d'appartenance de parcelle/*Urwandiko rwemeza ko*	50 000	40 000	30 000	20 000	Par document/*Ku*

Code/*Igiharuro gipfinditse*	Nature de l'activité/*Ubwoko bw'igikorwa*	Tarif en BIF/*Igiciro mu mafaranga y'amarundi*				Fréquence /*Incuro*
		Villes principale/*Ibisagara bikuru*	Villes secondaires/*Ibisagara bibayabaye*	Centres à vocation urbaine/*Ibibanza bigenewe kwubakwamwo ibisagara*	Milieux ruraux/*Ahatari mu bisagara*	
	umuntu ari nyene iparasera					*rwandiko*
6017	Procuration/*Urwandiko ruha uburenganzira bw'ugukora mu kibanza c'uwundi*	2 000	2 000	2 000	2 000	Par document/*Ku rwandiko*
6018	Attestation de prise en charge pour étranger/*Urwandiko rwemeza ko umuntu ashobora gutunga umunyamahanga*	20 000	20 000	20 000	20 000	Par document/*Ku rwandiko*
6019	Attestation de vie pour les étrangers/*Urwandiko rwemeza ko umuntu akiriho ku banyamahanga*	5000	5000	5000	5000	Par document/*Ku rwandiko*
6020	Attestation de composition familiale/*Urwandiko rwerekana abagize umuryango*	2 000	2 000	2 000	2 000	Par document/*Ku rwandiko*
6021	Sous couvert de l'administration (à caractère commercial) /*Umukono w'ubutegetsi wemeza ko ivyasabwe vyemewe (mu bijanye n'urudandazwa)*	50 000	30 000	20 000	10 000	Par document/*Ku rwandiko*
6022	Attestation de reconnaissance (ASBL et autres) /*Urwandiko rwemeza ko ishirahamwe ryemewe n'amategeko (ASBL n'ayandi)*	50 000	50 000	50 000	20 000	Par document/*Ku rwandiko*
6023	Amende administrative par l'administrateur/*Ihadabu ritangishwa na musitanteri*	10 000F-500 000	10 000F-500 000	10 000F -500 000	10 000F-500 000	
6024	Autorisation de vente des vaches ailleurs que dans la commune d'origine/*Uruhusha rw'ukugurishiriza inka mw'ikomine itororewemwo*	1 000	1 000	1 000	1 000	Par vache/*Ku nka imwimwe*
6025	Amende pour divagation du bétail sur la voie publique/*Ihadabu ritangishwa ku bitungwa vyiyerereza mu mabarabara*	20 000	20 000	20 000	20 000	Par tête /*Kuri kimwekimwe*
6026	Carte professionnelle d'activité/*Ikarata y'akazi*	10 000	5 000	5 000	2 500	Par document/*Ku rwandiko*

Code/*Igiharuro gipfinditse*	**Nature de l'activité/*Ubwoko bw'igikorwa***	**Tarif en BIF/*Igiciro mu mafaranga y'amarundi***				**Fréquence /*Incuro***
		Villes principale/*Ibisagara bikuru*	**Villes secondaires/*Ibisagara bibayabaye***	**Centres à vocation urbaine/*Ibibanza bigenewe kwubakwamwo ibisagara***	**Milieux ruraux/*Ahatari mu bisagara***	
6027	Emplacement permanent dans les marchés/*Ibibanza bidahinduka vyo mu masoko*	Conventionnel/*vyumvikanywek o*				Par mois/contrat/ *Ku kwezi /Amasezer*ano
6028	Location échoppes marchés/*Ugukotesha utuzu two mu masoko tw'ukudandarizamwo*	Conventionnel/ *vyumvikanyweko*				Par mois/ contrat /*Ku kwezi /Amasezer*ano
6029	Attestation de chômage/*Urwandiko rwemeza ko umuntu ata kazi afise*	Gratuit/*ata kirishwe*				Par document/*Ku rwandiko*
6030	Attestation d'indigence/*Urwandiko rwerekana ko umuntu ari ntahonikora*	Gratuit/*ata kirishwe*				Par document /*Ku rwandiko*
6031	Attestation de vie pour les pensionnés et les retraités/*Urwandiko rwerekana ko umuntu akiriho ku bari muri pansiyo no ku bakukuruke*	Gratuit/*ata kirishwe*				Par document/*Ku rwandiko*
6032	Location bâtiments communaux/*Ugukotesha inyubakwa z'ikomine*	Conventionnel/*Vyumvikanyweko*				Par mois/contrat/*Ku kwezi /Ama*sezerano
6033	Droit d'enregistrement d'une propriété foncière/*Amafaranga y'ukwandikisha itongo*	Tarif fixé par la loi portant fixation de droits d'enregistrement en matière foncière/*Igiciro gishingwa n'ibwirizwa rishinga amafaranga y'ukwandikisha amatongo*				
6034	Location terrains communaux/*Ugukotesha amatongo y'ikomine*	Conventionnel/*Vyumvikanyweko*				Par contrat/ *Biciye mu masezerano*

TITRE III : DES PROCEDURES FISCALES ET NON-FISCALES SPECIFIQUES AUX IMPOTS ET AUX TAXES PERCUS PAR LES COMMUNES

IKIGABANE CA III : IBIKURIKIZWA KU MAKORI N'AMATAGISI ATOZWA N'AMAKOMINE

CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

Section 1 : Du champ d'application

Article 83 :
Le présent titre fixe les procédures fiscales et non-fiscales générales pour les impôts et les taxes visés à l'article 5 de la présente loi.

Article 84 :
Sous peine de nullité, les opérations d'émission et de recouvrement des impôts et des taxes des communes ne peuvent faire l'objet de concession.

Article 85 :
Les procédures fiscales applicables aux impôts et aux taxes de l'Etat sont, sauf dispositions spécifiques de la présente loi, applicables à l'assiette, à l'émission, au recouvrement, aux poursuites, au contrôle et au contentieux des impôts, des taxes et des contributions dus aux communes.

Article 86 :

La perception, la gestion et le contrôle fiscaux de la commune procèdent par des données digitales codifiées et interconnectées.

Agace ka 1 : Ivyo iki kigabane cerekeye

Ingingo ya 83 :
Iki kigabane gishinga ibikurikizwa muri rusangi ku makori, amatagisi n'ayandi mafaranga bivugwa mu ngingo ya 5 y'iri bwirizwa.

Ingingo ya 84 :
Ibikorwa vy'ugutanga n'ugutoza amakori n'amatagisi y'amakomine ntibishobora gushingwa uwundi, bigenze uko bica biba impfagusa.

Ingingo ya 85 :
Ibikurikizwa ku makori n'amatagisi ya Reta, kiretse hariho ingingo zivyerekeye zo muri iri bwirizwa, ni vyo bikurikizwa ku bitozwako amakori n'amatagisi, mu guharura, mu gutoza, kwishuza, gusuzuma no mu matati yerekeye amakori, amatagisi n'amafaranga agenewe amakomine.

Ingingo ya 86 :

Itozwa, ibungabungwa n'ikontororwa ry'amakori n'amatagisi ya komine vyisunga amakuru atosoye akoresheje ubuhinga bwa none mu mashini nyabwonko zungikanije.

Section 2 : De l'adresse de communication du contribuable ou de son mandataire

Article 87 :
La commune communique toute information à l'adresse physique ou électronique du contribuable ou de son mandataire dûment désigné.

Agace ka 2 : Aho ibimenyeshwa umutangakori canke intumwa yiwe bishikirizwa

Ingingo ya 87 :
Ikomine iramenyesha inkuru iyo ariyo yose ahabarizwa umutozwakori canke intumwa yiwe yagenywe uko bitegerejwe.

Article 88 :
Tout changement d'adresse doit être notifié par écrit à l'administrateur communal dans un délai de quinze jours calendaires à compter de la date du changement. Si aucun changement d'adresse n'a été communiqué, toute communication est envoyée à la dernière adresse connue.

Ingingo ya 88 :
Igihe cose umutangakori canke intumwa yiwe ahinduye aho abarizwa, bitegerezwa kumenyeshwa musitanteri biciye mu rwandiko mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo ahahinduriyeko. Iyo bitigeze bimenyeshwa ko yahinduye aho abarizwa, ikimenyeshwa cose kirungikwa aho yahora abarizwa hazwi.

Article 89 :
Lorsqu'une personne n'a pas d'adresse connue, l'administration communale est en droit de publier toutes les informations la concernant par l'intermédiaire d'un périodique à diffusion nationale ou par radio nationale ou communautaire aux frais du contribuable. Dans ce cas, l'administration communale établit une note d'imposition de ces frais qui sont portés sur sa fiche de suivi du contribuable.

Ingingo ya 89 :
Mu gihe umuntu atagira aho abarizwa hazwi, musitanteri arafise uburenganzira bwo gutangaza inkuru zose zerekeye uwo muntu biciye mu kinyamakuru gisohoka ku biringo bizwi gikwiragizwa mu gihugu cose canke ku nsamirizi y'igihugu canke iyigisha abenegihugu, amafaranga asabwa akarihwa n'uwo mutangakori. Muri ico gihe, musitanteri arasohora urwandiko rw'ukurihisha ayo mafaranga yakoreshejwe, agaca yandikwa kw'ifishi ikurikiranirwako umutangakori.

Section 3 : Des méthodes, de la langue et des délais de communication

Agace ka 3 : Ingene ibimenyeshwa bitangwa, ururimi rukoreshwa n'ibiringo

Article 90 :
Toute communication officielle entre l'administrateur communal, le service fiscal communal, la commission paritaire d'appel et tout contribuable se fait par l'un des moyens suivants :

Ingingo ya 90 :
Ikimenyeshwa cose hagati ya musitanteri, igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, umugwi w'iyungururizo ugizwe n'ibice bingana vy'abo vyega n'umutangakori uwo ari we wese gishikirizwa mu buryo bumwe muri ubu bukurikira :

1° une lettre recommandée ;

1° ikete ritegerezwa gushikirizwa uwo rigenewe ;

2° un acte ou une communication écrite remise contre un accusé de réception au contribuable ou à son représentant, au bureau du service fiscal communal, au bureau de la commission paritaire d'appel ou au secrétariat de l'administrateur communal ;

2° urwandiko canke ubutumwa bwanditse bushikirizwa umutangakori canke uwumuserukira na we agatanga icemeza ko yabwakiriye, ku biro vy'igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, ivy'umugwi w'iyungururizo ugizwe n'ibice bingana vy'abo vyega canke mu biro vy'umunyamabanga wa musitanteri ;

3° une communication par voie électronique ;

3° ubutumwa buciye mu buhinga ngurukanabumenyi ;

4° une signification officielle par un périodique à diffusion nationale ou la radio nationale ou communautaire au cas où le contribuable ou son mandataire oppose un refus de recevoir un acte ou une signification précisant l'objet ;

4° urwandiko rw'ukumenyesha umutangakori canke intumwa yiwe urubanza mu buryo bwemewe bicishijwe mu kinyamakuru gisohoka ku biringo bizwi gikwiragizwa mu gihugu cose canke ku nsamirizi y'igihugu canke iyigisha abenegihugu igihe yanse kwakira urwandiko rumurondera canke urumumenyesha urubanza kandi hariko imvo ;

5° une signification par un huissier de justice ou par toute voie autorisée par le Code de procédure civile.

5° urwandiko rw'ukumumenyesha urubanza rutangwa n'umumenyeshamanza canke mu bundi buryo bwose burekuwe n'Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa.

Article 91 :

Les textes et les informations relatifs à la législation fiscale communale sont publiés au bureau communal, dans les journaux, sur les sites web ou à tout endroit connu de grand rassemblement du public.

Ingingo ya 91 :

Inzandiko n'inkuru vyerekeye amategeko agenga ivyerekeye amakori n'amatagisi y'ikomine bitangazwa ku biro vy'ikomine, mu binyamakuru, ku mbuga ngurukanabumenyi canke mu kindi kibanza cose kizwi abantu benshi bahuriramwo.

Article 92 :

Lorsque le contribuable ou son représentant refuse de recevoir un acte ou une signification ou n'a pas d'adresse connue, l'administration communale utilise les moyens prévus à l'article 90 au point 4° de la présente loi.

Ingingo ya 92 :

Mu gihe umutangakori canke uwumuserukira atemeye kwakira urwandiko rumurondera canke rumumenyesha urubanza canke atagira aho abarizwa hazwi, ikomine ikoresha uburyo butegekanijwe mu ngingo ya 90 y'iri bwirizwa ku karongo ka 4° y'iri bwirizwa.

Dans ce cas, l'acte ou la signification est réputée remise.

Article 93 :
Toute communication entre l'administrateur communal, le service fiscal communal, la commission paritaire d'appel et le contribuable est faite dans une des langues suivantes : le Kirundi, le Français, l'Anglais et Swahili.

Article 94 :
Lorsque la législation fiscale précise le délai dans lequel doit être établi ou transmis un acte, une confirmation ou une communication déterminée, le délai commence à courir le lendemain de la date :

1° de réception par la poste de la lettre mentionnée au point 1° de l'article 90 de la présente loi ;

2° de l''accusé de réception mentionné au point 2° de l'article 90 de la présente loi ;

3° de la première diffusion du communiqué ou de la signification par l'huissier de justice visée aux points 4° et 5° de l'article 90 de la présente loi ;

4° de l'envoi du courrier électronique.

Lorsque le dernier jour d'un délai légal est un jour chômé, la date de l'exécution de l'obligation est reportée au premier jour ouvrable suivant.

Muri ico gihe, urwandiko rumurondera canke rumumenyesha urubanza rufatwa ko rwatanzwe.

Ingingo ya 93 :
Ikimenyeshwa cose hagati ya musitanteri, igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, umugwi w'iyungurizo ugizwe n'ibice bingana vy'abo vyega n'umutangakori gishikirizwa mu rurimi rumwe mu ndimi zikurikira : ikirundi, igifaransa,icongereza n'igiswahiri.

Ingingo ya 94 :
Mu gihe amategeko yerekeye amakori n'amatagisi atomora ikiringo gitegerezwa gutegurwamwo canke gutangwamwo urwandiko rumurondera, urwemeza canke urumenyesha ikintu kanaka, ico kiringo gitangura guharurwa kuva ku musi ukurikira iryo genekerezo :

1° iposita yakiririyeko ikete rivugwa mu karongo ka 1° k'ingingo ya 90 y'iri bwirizwa ;

2° hatangiweko icemeza ko yakiriye ubutumwa kivugwa mu karongo ka 2° k'ingingo ya 90 y'iri bwirizwa ;

3° umumenyeshamanza yasohoreyeko ubwa mbere itangazo canke urwandiko rumenyesha urubanza bivugwa mu karongo ka 4° n'aka 5° tw'ingingo ya 90 y'iri bwirizwa ;

4° harungikiweko ubutumwa bwo mu buhinga ngurukanabumenyi.

Mu gihe umusi wa nyuma w'ikiringo gitegekanijwe n'amategeko ari umusi w'akaruhuko, igenekerezo ry'ugushira mu ngiro ibitegerejwe rica ryungururizwa ku musi wa mbere w'akazi ukurikira.

CHAPITRE II : DE L'OBLIGATION D'ENREGISTREMENT DU CONTRIBUABLE

Article 95 :
Toute personne qui entreprend une activité commerciale ou toute autre activité, même occasionnelle, susceptible d'entraîner des obligations fiscales doit se faire immatriculer auprès du service fiscal communal dans les quinze jours calendaires à compter du début de l'activité.

Article 96 :
Toute modification relative à la situation ou aux activités du contribuable doit être signalée au service fiscal de la commune dans un délai de quinze jours calendaires, à compter du jour de la modification.

Article 97 :
Le manuel des procédures administratives, financières et comptables fixe les modalités d'enregistrement des redevables d'impôt et des taxes communaux.

CHAPITRE III : DE LA DECLARATION ET DU PAIEMENT DE L'IMPOT ET DE LA TAXE

Section 1 : De la déclaration

Article 98 :
Les redevables des impôts et taxes visés à l'article 5 aux points 1°, 4°, 5°, 6°, 7°, 8° et 9° de la présente loi doivent souscrire une déclaration annuelle auprès du service fiscal de la commune au cours de la période allant du 1er juillet au 30 septembre de chaque année.

IGICE CA II: IVYEREKEYE UGUTEGEREZWA KWIYANDIKISHA KU MUTANGAKORI

Ingingo ya 95 :
Umuntu wese atanguye igikorwa c'ubudandaji canke ikindi gikorwa cose, n'aho coba kitamaho, gishobora kuba gitegerezwa gutangirwa ikori ategerezwa kwiyandikisha mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi mu misi icumi n'itanu ikurikirana iharurwa kuva ico gikorwa gitanguye.

Ingingo ya 96 :
Igihindutse cose kijanye n'uko ibintu vyifashe canke n'ibikorwa vy'umutangakori gitegerezwa kumenyeshwa igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana iharurwa kuva umusi gihindukiyeko.

Ingingo ya 97 :
Igitabu cerekana uko ibikorwa bitunganijwe mu bijanye n'intwaro, ubutunzi n'ikoreshwa ryabwo kirerekana ingene abatangakori bandikwa muri komine.

IGICE CA III : IVYEREKEYE UKUMENYESHA N'UKURIHA AMAKORI N'AMATAGISI

Agace ka 1 : Ukumenyesha ikori canke itagisi

Ingingo ya 98 :
Abategerezwa gutanga amakori n'amatagisi bavugwa mu karongo ka 1°, ka 4°, ka 5°, ka 6°, ka 7°, ka 8° n'aka 9° tw'ingingo ya 5 y'iri bwirizwa bategerezwa kumenyesha amakori n'amatagisi ku mwaka ku mwaka mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga.

Une ordonnance du ministre ayant l'administration du territoire dans ses attributions détermine le formulaire de déclaration appropriée à chaque impôt ou taxe.

Itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo intwaro mu gihugu riratomora urwandiko rwuzuzwa rugenewe kumenyesha ikori canke itagisi bivanye n'iryo ari ryo.

Article 99 :
Les formulaires de déclaration sont délivrés gratuitement par le service fiscal de la commune.

Ingingo ya 99 :
Inzandiko zuzuzwa zimenyesha ikori canke itagisi zitangwa n'igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi, ata kirishwe.

La déclaration doit mentionner toutes les indications nécessaires à l'application de la présente loi.

Urwo rwandiko rutegerezwa kuba rurimwo ibikenewe vyose mu gushira mu ngiro iri bwirizwa.

Si le contribuable est analphabète, il doit être assisté par une personne de son choix ou un agent du service fiscal communal pour remplir sa déclaration.

Igihe umutangakori atazi gusoma n'ukwandika, ategerezwa gufashwa n'umuntu yitoreye canke umukozi wo mu gisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi kugira amwuzurize urwandiko rwiwe amenyesherezako ikori canke itagisi.

La déclaration remplie, datée et signée doit être remise au service fiscal de la commune.

Urwandiko rwujujwe, rwashizweko igenekerezo rwujurijweko n'umukono rutegerezwa gushikirizwa igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi.

Si le contribuable est analphabète, il appose l'empreinte digitale du pouce droit à l'endroit de la déclaration réservé pour la signature.

Igihe umutangakori atazi gusoma n'ukwandika, atera igikumu c'iburyo mu kibanza kigenewe umukono ku rwandiko rumenyesha ikori canke itagisi.

Le contribuable analphabète qui n'a pas de pouce droit appose l'empreinte digitale du pouce gauche.

Mu gihe umutangakori atazi gusoma n'ukwandika yoba atagira urutoke rw'urukumu rw'iburyo akoresha urukumu rwo ku kuboko kw'ibubamfu.

Article 100 :
Le défaut de déclaration dans les délais prescrits et la production d'une déclaration délibérément inexacte ou frauduleuse entraîne l'application des pénalités prévues par la présente loi pour chacun des impôts ou des taxes.

Ingingo y' 100 :
Ukutamenyesha ikori canke itagisi mu biringo bitegekanijwe n'ukumenyesha n'impaka ibitari ivy'ukuri canke ibirimwo ubusuma bituma ahanishwa ugutanga amafaranga ategekanijwe n'iri bwirizwa bivanye n'ikori canke itagisi iryo ari ryo.

Article 101 :
L'administration communale impose d'office le contribuable qui a souscrit les déclarations dans les délais légaux. Il révise d'office les déclarations reconnues fausses, inexactes, incomplètes ou frauduleuses.

Ingingo y'101 :
Ubutegetsi bwo mw'ikomine buca butangisha ikori canke itagisi umutangakori yarimenyesheje mu biringo bitegekanijwe n'amategeko. Na we aca asubiramwo ivyo yamenyesheje vyemejwe ko atari vyo, atari ivy'ukuri, bidakwiriye canke harimwo ubusuma.

Section 2 : De la correction de la déclaration

Agace ka 2 : Ugukosora ivyamenyeshejwe

Article 102 :
Le contribuable peut corriger toute déclaration qu'il a soumise à la commune avant l'envoi d'un avis de vérification, d'un avis d'imposition d'office ou de tout autre document annonçant la vérification.

Ingingo y'102 :
Umutangakori arashobora gukosora ico yamenyesheje cose yashikirije mw'ikomine imbere y'uko harungikwa urwandiko rumumenyesha ko hagiye guhinyuzwa ivyashikirijwe, urumumenyesha amafaranga y'ikori canke y'itagisi ategerezwa gutangwa atagishijwe inama canke urundi rwandiko rwose rumenyesha ko hagiye guhinyuzwa ivyamenyeshejwe.

Article 103 :
Toute correction postérieure à l'envoi d'un avis de vérification ou d'un avis de redressement d'office n'a aucun effet juridique sur l'application de sanctions que le contribuable encourt.

Ingingo y'103 :
Ico cose umutangakori akosoye inyuma y'ukurungikirwa urwandiko rumumenyesha ko hagiye guhinyuzwa ivyamenyeshejwe canke urwandiko rutegeka gukosora ata gisabwe nta co bihindura na kimwe ku bijanye n'amategeko akurikizwa ku vyerekeye ibihano ategerezwa guhabwa.

Section 3 : De la prorogation du délai de dépôt de la déclaration

Article 104 :
Le contribuable peut solliciter de l'administrateur communal une prorogation du délai de dépôt de déclaration de l'impôt ou de la taxe s'il apporte des preuves suffisantes des difficultés incontournables qu'il éprouve pour remettre la déclaration dans le délai légal. Sauf cas de force majeure dûment prouvé, le contribuable fait une demande écrite à l'administrateur communal quinze jours avant l'expiration du délai de dépôt de la déclaration.

L'administrateur communal peut accorder par écrit au contribuable un report de la date limite prévue pour le dépôt de la déclaration d'impôt ou taxe. Le délai de prorogation accordé par l'administrateur communal ne peut pas dépasser trente jours calendaires comptés à partir de la date limite de dépôt de déclaration.

Le report de cette date proroge également la date limite de paiement d'impôt ou taxe.

Agace ka 3 : Ukwongereza ikiringo c'ugushikiriza urwandiko rumenyesha ikori canke itagisi

Ingingo y'104 :
Umutangakori arashobora gusaba musitanteri kwongerwa ikiringo c'ugushikiriza urwandiko rumenyesha ikori canke itagisi igihe atanze ivyemezo bikwiye vyerekana ingorane zihambaye afise zituma adashobora gushikiriza urwo rwandiko mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko. Kiretse hari intambamyi ntasimbwa zatangiwe imvo uko bitegerejwe, umutangakori abisaba musitanteri abicishije mu rwandiko mu misi icumi n'itanu imbere y'uko ikiringo c'ugushikiriza urwandiko rumenyesha ikori canke itagisi kirangira.

Musitanteri arashobora kwemerera umutangakori, abicishije mu rwandiko, kwunguruza igenekerezo ntarengwa ritegekanijwe ry'ugushikiririzako urwandiko rumenyesha ikori canke itagisi. Ikiringo congerejwe gitanzwe na musitanteri ntigishobora kurenga imisi mirongo itatu ikurikirana iharurwa kuva kw'igenekerezo ntarengwa umutangakori yari gushikiririzako urwandiko rumenyesha ikori canke itagisi.

Ukwunguruza iryo genekerezo bituma kandi igenekerezo ntarengwa ry'ugutangirako ikori canke itagisi ryunguruzwa.

Section 4 : Du payement de l'impôt et de la taxe

Article 105 :
Les taxes et les impôts communaux sont liquidés et émis par l'administration communale.

Les impôts et les taxes sont recouvrés au comptant au moment de la déclaration et au plus tard le 30 septembre de chaque année.

Agace ka 4 : Ukuriha ikori n'itagisi

Ingingo y'105 :
Amatagisi n'amakori y'amakomine aharurwa kandi akamenyeshwa n'ubutegetsi bw'ikomine.

Amakori n'amatagisi arihirwaho mu gihe c'ukuyamenyesha kandi hatarenze kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga ku mwaka ku mwaka.

En cas de refus de paiement ou de retard de paiement, l'administration communale établit un ordre de recettes.

Igihe umutangakori yanse gutanga ikori canke itagisi canke acerewe kuritanga, ubutegetsi bw'ikomine buca butegura urwandiko rwerekana amafaranga umutangakori ategerezwa gutozwa.

Le non-paiement de la totalité de l'impôt ou de la taxe entraîne une majoration du montant restant dû dans les conditions prévues par la présente loi.

Ukudatanga ikori canke itagisi ryose bituma igitigiri c'amafaranga gisigaye c'ayategerezwa kurihwa ciyongera hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Article 106 :
Toute personne tenue au paiement d'un impôt ou d'une taxe communale doit s'acquitter de sa dette auprès de la comptabilité communale dans les délais prescrits.

Ingingo y'106 :
Umuntu wese ategerejwe kuriha ikori canke itagisi ry'ikomine ategerezwa kurihira ayo yishuzwa mu gisata c'ikomine kijejwe ibiharuro vyerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka mu biringo bitegekanijwe.

Le payement des impôts et taxes communaux est effectué en numéraire, par chèque ou par virement sur le compte bancaire de la commune.

Ukuriha amakori n'amatagisi y'amakomine bigirwa mu gutanga amafaranga mu minwe, isheki canke mu gukura amafaranga kw'ikonte agashirwa kw'ikonte y'ikomine.

Le montant de l'impôt ou de la taxe est encaissé par le comptable communal ou par les agents de recouvrement contre délivrance d'un timbre fiscal, d'une quittance, d'un ticket de caisse enregistreuse ou d'un ticket tiré d'un carnet à souche.

Igitigiri c'amafaranga y'ikori canke ay'itagisi ashingurwa n'uwujejwe gutunganya ibiharuro vy'amafaranga yinjira n'ayasohoka mw'ikomine canke abakozi bajejwe kuyatoza na bo bagatanga itembure yerekana uwarishe ikori canke itagisi, igitansi, itike isohorwa n'akamashini canke itike itaburwa mu gatabu hagasigara igishitsi.

Article 107 :
En cas de non-paiement d'un impôt ou d'une taxe dûe dans les délais légaux, le recouvrement forcé est fait selon les règles et les procédures prévues par la présente loi.

Ingingo y'107 :
Mu gihe ikori canke itagisi ridatanzwe mu biringo bitegekanijwe n'amategeko, rica ryishuzwa ku nguvu hisunzwe amategeko n'ibikurikizwa bitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Tout ce qui n'est pas prévu par la présente loi est régi par la loi relative aux procédures fiscales et non fiscales en vigueur.

Ico cose kidategekanijwe n'iri bwirizwa kigengwa n'ibwirizwa ryerekeye ibikurikizwa ku makori n'amatagisi no ku yandi mafaranga rihasanzwe.

CHAPITRE IV : DU CONTROLE FISCAL

IGICE CA IV : IVYEREKEYE UGUSUZUMA AMAKORI N'AMATAGISI

Section 1 : Des formes de contrôle

Agace ka 1 : Uburyo butandukanye bw'ugusuzuma

Article 108 :
Le service fiscal de la commune peut effectuer un contrôle sur pièces, un contrôle général, un contrôle ciblé, un contrôle ponctuel ou inopiné sur base des renseignements recueillis, des déclarations souscrites par les contribuables ainsi que sur base des actes ou des documents utilisés pour leur établissement.

Ingingo y'108 :
Igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi kirashobora kugira isuzuma rifatiye ku biri mu nzandiko, isuzuma kuri vyose, isuzuma rigirwa ku bintu kanaka, isuzuma rigirwa ku gihe kizwi canke giturumbuka hafatiwe ku nkuru zatororokanijwe, ku vyamenyeshejwe n'abatangakori hamwe no ku nzandiko zakoreshejwe mu guharura ikori canke itagisi ritangishwa.

Le contrôle général, ciblé, ponctuel et inopiné s'effectue sur place. L'administration communale peut contrôler également les documents déposés par les contribuables en vue de bénéficier des déductions, des restitutions ou des remboursements d'impôts ou de taxes.

Isuzuma rigirwa kuri vyose, ku bintu kanaka, ku gihe kizwi n'irigirwa giturumbuka ribera aho igikorwa kirangurirwa. Ubutegetsi bw'ikomine burashobora gusuzuma kandi inzandiko zashikirijwe n'abatangakori mu ntumbero yo gusaba kugabanirizwa amakori canke amatagisi batanga, gusubizwa ayarishwe ku bidatangishwa ikori canke itagisi canke gusubizwa ayarenze ku yategerezwa kurihwa.

Article 109 :
Sous peine de nullité les agents contrôleurs doivent être nommément mandatés et se munir d'un ordre de mission délivré par l'administrateur communal pour toute opération de contrôle des taxes ou des impôts communaux.

Ingingo y'109 :
Kugira igikorwa cose c'ugusuzuma amatagisi canke amakori y'amakomine ntikibe impfagusa, abakozi bagira isuzuma bategerezwa kuba bagenywe kandi bafise uruhusha rw'ukuja kurangura uwo murimo ruriko amazina yabo rutangwa na musitanteri.

Les agents contrôleurs ont la qualité d'officier de police judiciaire à compétence restreinte.

Abakozi bagira isuzuma bafise ububasha bw'inyamiramabi bugarukira kuri ico gikorwa gusa.

Article 110 :

Tout contrôle sur place est sanctionné par un procès-verbal signé par le contribuable et l'agent contrôleur autorisé. Le procès-verbal fait sur base d'une note de synthèse de vérification, indique le déroulement du contrôle, les erreurs constatées et les documents que le contribuable n'a pas présentés au cours du contrôle, le cas échéant. Le contribuable a le droit d'indiquer ses réserves dans le procès-verbal.

Une séance de débat contradictoire sur la note de synthèse doit être organisée dans les cinq jours calendaires à compter de la réception de ladite note. Le refus de participer à cette séance vaut tacite acceptation du contenu de la note de synthèse.

En cas de refus de signature par le contribuable, le procès-verbal est communiqué au contribuable conformément aux dispositions de l'article 92 de la présente loi.

Paragraphe 1 : Le contrôle sur pièces

Article 111 :

L'administration communale peut effectuer un contrôle qui se déroule dans ses bureaux en vue de vérifier notamment la cohérence entre les éléments déclarés et les pièces justificatives fournies. A l'issue du contrôle, l'administration communale envoie un avis rectificatif partiel. Pour tout contrôle effectué du bureau, l'avis de vérification et le procès-verbal de discussion ne sont pas requis.

Ingingo y'110 :

Isuzuma ryose ribereye aho igikorwa kirangurirwa riragirirwa icegeranyo gishirwako umukono n'umutangakori hamwe n'umukozi yarigize abifitiye uruhusha. Icegeranyo kigizwe hafatiwe ku rwandiko rurimwo incamake yerekeye isuzuma ryakozwe, kirerekana ingene isuzuma ryagenze, amakosa yabonetse n'inzandiko umutangakori aterekanye igihe c'isuzuma, iyo vyashitse. Umutangakori arafise uburenganzira bwo kwerekana ivyo yabangiriyeko mu cegeranyo cagizwe.

Hategerezwa gutunganywa umwanya w'uguhinyuzanya ku rwandiko rurimwo incamake yerekeye isuzuma mu misi itanu ikurikirana iharurwa kuva urwò rwandiko rwakiriwe. Mu gihe umutangakori atemeye kuza guhinyuzanya bifatwa ko yemeye ibiri muri urwo rwandiko.

Mu gihe umutangakori atemeye gushira umukono ku cegeranyo, ico cegeranyo kirahabwa umutangakori hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 92 y'iri bwirizwa.

Agahimba ka 1 : Isuzuma rifatiye ku nzandiko

Ingingo y'111 :

Ubutegetsi bw'ikomine burashobora kugirira isuzuma mu biro vyabwo mu ntumbero yo guhinyuza ko ivyo umutangakori yamenyesheje bihuye n'ibiri mu nzandiko yashikirije. Isuzuma rirangiye, ubutegetsi bw'ikomine buca burungikira umutangakori urwandiko rwerekana bimwebimwe vyohindurwa. Kw'isuzuma ryose ryagiriwe mu biro, ntibikenerwa ko hagirwa urwandiko rw'uguhinyuza n'icegeranyo c'ivyahaririweko.

Paragraphe 2 : Le contrôle général

Article 112 :
Le contrôle général concerne tous les impôts et toutes les taxes sur une période déterminée.

L'administration communale est tenue d'informer le contribuable au moins quinze jours calendaires avant le contrôle général en lui envoyant un avis de vérification.

L'avis de vérification mentionne :

1° les nom et prénom de l'agent autorisé ;

2° la date du début de contrôle ;
3° les impôts et les taxes à vérifier et les exercices concernés ;
4° l'endroit où le contrôle doit avoir lieu et sa durée estimative.

Le contribuable a le droit de se faire assister d'un ou de plusieurs conseillers de son choix.

Lorsque l'agent contrôleur autorisé est remplacé avant la fin du contrôle, l'administration communale le communique par écrit au contribuable.

Avant tout contrôle sur place et sous peine de nullité de la procédure de vérification, l'administration communale doit remettre au contribuable la charte des droits et des obligations du contribuable vérifié. Les dispositions contenues dans la charte sont opposables à l'administration communale.

Agahimba ka 2 : Isuzuma rigirwa kuri vyose

Ingingo y'112 :
Isuzuma rigirwa kuri vyose ryerekeye amakori n'amatagisi yose yatanzwe ku kiringo kizwi.

Ubutegetsi bw'ikomine butegerezwa kumenyesha umutangakori n'imiburiburi mu misi icumi n'itanu ikurikirana imbere yuko isuzuma rigirwa kuri vyose riba mu kumurungikira urwandiko rumumenyesha ko buzoza guhinyuza ivyo yamenyesheje.

Urwandiko rumenyesha ko buzoza guhinyuza ruba rurimwo ibi bikurikira :

1° izina n'iritazirano ry'umukozi yabiherewe uruhusha ;
2° igenekerezo isuzuma ritangurirako ;
3° amakori n'amatagisi ahinyuzwa hamwe n'imyaka vyerekeye ;
4° ikibanza c'aho isuzuma ritegerezwa kubera n'ikiringo rishobora kumara.

Umutangakori arafise uburenganzira bwo gufashwa n'umuhanuzi umwe canke benshi yitoreye.

Igihe uwurekuriwe kugira isuzuma asubirijwe imbere y'uko isuzuma rirangira, ubutegetsi bw'ikomine burabimenyesha umutangakori bubicishije mu rwandiko.

Imbere y'uko haba isuzuma iryo ari ryo ryose rigirirwa aho igikorwa kirangurirwa kandi kugira igikorwa c'uguhinyuza ntikibe impfagusa, ubutegetsi bw'ikomine butegerezwa gushikiriza umutangakori agatabu k'ivyo umutangakori yasuzumwe afitiye uburenganzira n'ivyo ategerejwe. Ibitegekanijwe muri ako gatabu biritwazwa imbere y'ubutegetsi bw'ikomine.

Paragraphe 3 : Le contrôle ciblé et le contrôle inopiné

Article 113 :
Un contrôle est réputé ciblé s'il vise à vérifier certains éléments d'une déclaration d'impôt. Avant de procéder au contrôle ciblé, l'administration communale est tenue d'informer le contribuable au moins cinq jours calendaires par l'envoi d'un avis de vérification qui doit comporter les mentions visées à l'article 112 de la présente loi.

Article 114 :
L'agent contrôleur autorisé, muni d'un ordre de mission dûment signé par l'administrateur communal, peut, sans l'envoi préalable d'un avis de vérification, pénétrer dans les locaux professionnels du contribuable ou de son mandataire entre sept heures et dix-huit heures pour procéder à la constatation matérielle des éléments physiques de l'exploitation ou de l'existence et de l'état des documents comptables.

L'administrateur communal peut requérir l'assistance des forces de l'ordre.

Section 2 : Des obligations en matière de communication de renseignements

Article 115 :
Un agent contrôleur autorisé ayant la qualité d'officier de police judiciaire à compétence restreinte peut saisir les documents tenus conformément à la présente loi si le contribuable refuse de les lui communiquer ou est susceptible de procéder à leur destruction ou à leur falsification.

Agahimba ka 3 : Isuzuma rigirwa ku bintu kanaka n'irigirwa giturumbuka

Ingingo y'113 :
Isuzuma rifatwa ko rigirwa ku bintu kanaka igihe rifise intumbero yo guhinyuza ibintu bimwebimwe biri mu rwandiko rw'ukumenyesha ikori. Imbere yo kugira iryo suzuma, ubutegetsi bw'ikomine butegerezwa kubimenyesha umutangakori n'imiburiburi mu misi itanu ikurikirana mu kumurungikira urwandiko rw'ukumenyesha ko buzoza guhinyuza rutegerezwa kuba rurimwo ibivugwa mu ngingo ya 112 y'iri bwirizwa.

Ingingo y'114 :
Umukozi arekuriwe kugira isuzuma, yitwaje uruhusha rwo kuja kurangura umurimo rushizweko umukono uko bitegerejwe na musitanteri, arashobora, hatabanje kurungikwa urwandiko rumenyesha ko ubutegetsi bw'ikomine buzoza guhinyuza, kwinjira mu nyubakwa umutangakori canke intumwa yiwe akoreramwo hagati y'isaha imwe y'igitondo n'isaha icumi na zibiri z'umuhingamo kugira yibonere ibitangirwa ikori bigaragara vyamenyeshejwe canke ko inzandiko zerekana amafaranga yinjira n'ayasohoka ziriho n'ingene zujujwe.

Musitanteri arashobora kwikora ku bajejwe umutekano kugira bamufashe.

Agace ka 2 : Ibitegerejwe mu bijanye n'ugushikiriza ibisabwa kumenyeshwa

Ingingo y'115 :
Umukozi arekuriwe kugira isuzuma afise ububasha nk'ubw'inyamiramabi bugarukira gusa kuri ico gikorwa arashobora gufata hisunzwe iri bwirizwa inzandiko umutangakori afise igihe atemeye kuzimuha canke ashobora kuzizimanganya canke guhindura ibiri muri zo.

Paragraphe 1 : Les renseignements à fournir par le contribuable

Article 116 :
Sur demande écrite de l'administration communale, une copie de tout document connexe doit être fournie au service fiscal communal dans un délai de quinze jours calendaires à compter du lendemain de la réception de la lettre de demande de renseignements, sauf si le contribuable apporte la preuve d'un cas de force majeure ou des circonstances exceptionnelles. Le contribuable donne les documents contre un accusé de réception.

Agahimba ka 1 : Ibishikirizwa n'umutangakori

Ingingo y'116 :
Biciye mw'ikete ry'ugusaba ibimenyeshwa ryandikwa n'ubutegetsi bw'ikomine, ikopi y'urwandiko rwose bijanye itegerezwa gushikirizwa igisata c'ikomine kijejwe gutoza amakori n'amatagisi mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana iharurwa kuva ku musi ukurikira uwo ikete ry'ugusaba ibishikirizwa ryakiririweko, kiretse igihe umutangakori yerekanye icemeza ko habaye intambamyi ntasimbwa canke ibihe bidasanzwe umutangakori arashikiriza inzandiko zisabwa na we agahabwa urwandiko rwemeza ko zakiriwe.

Paragraphe 2 : Les renseignements à fournir par des tiers

Article 117 :
L'administration communale est en droit de recueillir des renseignements auprès de tierces personnes autres que celles visées à l'article 116 de la présente loi en vue de déterminer la situation fiscale d'un contribuable. L'administration communale peut leur adresser des questions écrites, auxquelles elles répondent dans un délai de quinze jours calendaires.

Aucun renseignement ou document relatif à une procédure judiciaire ne peut être transmis et montré à l'administration communale sans l'autorisation écrite préalable du ministère public ou du président de la juridiction.

Agahimba ka 2 : Ibishikirizwa n'abandi Bantu

Ingingo y'117 :
Ubutegetsi bw'ikomine burafise uburenganzira bwo gutororokanya ibishikirizwa bukura mu bandi bantu atari abavugwa mu ngingo y'116 y'iri bwirizwa mu ntumbero yo gutomora uko umutangakori yifashe mu bijanye n'amakori hamwe n'amatagisi. Ubutegetsi bw'ikomine burashobora kubarungikira ibibazo vyanditse bishura mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana.

Nta gishikirizwa na kimwe canke urwandiko rujanye n'urubanza ruri muri sentare rushobora guhabwa canke kwerekwa ubutegetsi bw'ikomine ata ruhusha rwanditse rwabanje gutangwa n'Urwego rw'abashikirizamanza canke umukuru wa sentare.

Article 118 :
Les renseignements requis auprès des personnes tenues au secret professionnel doivent être demandés par l'administrateur communal lui-même.

Ingingo y'118 :
Ivyo abantu bategerejwe kugumya ibanga ry'akazi basabwa gushikiriza bitegerezwa gusabwa na musitanteri we nyene ubwiwe.

CHAPITRE V : DES PROCEDURES DE RECTIFICATION D'ASSIETTE ET DE L'IMPOSITION D'OFFICE

Section 1 : De la rectification

Article 119 :
Lorsque l'administration communale constate une erreur de calcul, une omission, une déclaration inexacte, une surestimation ou une sous-estimation du revenu imposable ou toute autre irrégularité dans la détermination du revenu imposable faite par le contribuable, il procède à une rectification de l'imposition.

Article 120 :
En cas de rectification de l'assiette, l'administration communale transmet un avis de rectification de l'imposition au contribuable. L'avis comprend une proposition de rectification détaillée et motivée par des références légales. L'avis de rectification mentionne en outre les pénalités éventuellement applicables conformément à la présente loi.

Article 121 :
Le contribuable a le droit de formuler, dans un délai de vingt jours calendaires, des observations et des remarques écrites au sujet de l'avis de rectification.

Le délai est ramené à dix jours calendaires en cas de rectification opérée suite à un contrôle ciblé. Le contribuable peut également transmettre dans ces délais, des preuves complémentaires à l'administration communale ainsi que tout renseignement démontrant que la rectification est inexacte.

IGICE CA V : IBIKURIKIZWA MU GUKOSORA IGITIGIRI C'IKORI RITANGWA HAMWE NO MU GUTANGISHA IKORI UWURITANGA ATAGISHIJWE INAMA

Agace ka 1 : Ugukosora igitigiri c'ikori ritangwa

Ingingo y'119 :
Mu gihe ubutegetsi bw'ikomine busanze hari ikosa rijanye n'uguharura, ibitashikirijwe, ivyashikirijwe atari ivy'ukuri, ugushikiriza igitigiri c'amafaranga yinjiza atangirwa ikori kirenze canke gito canke ikindi cose kidakurikije amategeko umutangakori akora ariko arashikiriza amafaranga yinjiza atangako ikori, aca akosora igitigiri c'ikori atanga.

Ingingo y'120 :
Mu gihe hakosowe igitigiri c'ikori ritangwa, ubutegetsi bw'ikomine burashikiriza urwandiko rumenyesha umutangakori ivyo akosora . Urwo rwandiko ruba rurimwo ido n'ido ry'ivyohindurwa kandi bigatangirwa imvo hisunzwe amategeko. Urwandiko rw'ugukosora igitigiri c'ikori ritangwa rurekana kandi amahadabu ashobora gutangwa hisunzwe iri bwirizwa.

Ingingo y'121 :
Umutangakori arafise uburenganzira bwo gushikiriza, biciye mu rwandiko, mu kiringo c'imisi mirongo ibiri ikurikirana, ivyiyumviro n'ivyo asaba ku vyashikirijwe mu rwandiko rw'ugukosora igitigiri c'ikori ritangwa.

Ico kiringo gishirwa ku misi icumi ikurikirana mu gihe hari ivyakosowe hagizwe isuzuma ry'ibintu kanaka. Umutangakori arashobora kandi gushikiriza muri ivyo biringo ivyemezo vyiyongera ubutegetsi bw'ikomine hamwe n'ico cose cerekena ko ivyahinduwe atari ivy'ukuri.

Le contribuable a le droit d'être entendu par le supérieur hiérarchique de l'agent qui a procédé à la vérification, pour autant que la demande d'audition soit formulée dans le délai prévu à l'alinéa 2 du présent article.

Umutangakori arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa n'uwutwara mu kazi umukozi yakoze isuzuma, mu gihe urwandiko rw'ugusaba kwumvirizwa rushikirijwe mu biringo bitegekanijwe mu gahimba ka 2 k'iyi ngingo.

Article 122 :
Pour les déclarations déposées dans les délais, la rectification peut être opérée pendant une période de trois ans à compter de la date de dépôt de la déclaration.

Ingingo y'122 :
Ku nzandiko zimenyesha ikori canke itagisi zashikirijwe mu biringo bitegekanijwe, igikorwa c'ugukosora igitigiri c'ikori ritangwa kirashobora kurangurwa mu kiringo c'imyaka itatu giharurwa kuva kw'igenekerezo urwandiko rwashikiririjweko.

Pour les déclarations tardives, la rectification peut être opérée pendant une période de trois ans à compter de la date limite de la déclaration des impôts et des taxes.

Ku nzandiko zimenyesha ikori canke itagisi zashikirijwe ikiringo carenganye, igikorwa c'ugukosora igitigiri c'ikori ritangwa kirashobora kugirwa mu kiringo c'imyaka itatu giharurwa kuva kw'igenekerezo ntarengwa rishikiririzwako urwandiko rwerekana amakori n'amatagisi.

La prescription ne peut être interrompue qu'une seule fois par l'un des documents suivants :

Uguta igihe kw'ivyo biringo gushobora guhagarikwa rimwe gusa ari uko hatanzwe urwandiko rumwe muri izi zikurikira :

1° l'avis de vérification ;

1° urwandiko rumenyesha ko ubutegetsi bw'ikomine buzoza guhinyuza ivyashikirijwe ;

2° le procès-verbal constatant l'infraction ;

2° icegeranyo cerekana ko hakozwe icaha ;

3° l'acte de reconnaissance du contribuable ;

3° urwandiko rwerekana ko umutangakori yemera icaha ;

4° tout autre acte interruptif de droit commun.

4° urundi rwandiko rwose ruhagarika uguta igihe rutegekanijwe n'amategeko asanzwe.

Section 2 : De l'imposition d'office

Agace ka 2 : Ugutangisha ikori uwuritanga atagishijwe inama

Article 123 :
L'administration communale est en droit d'engager la procédure d'imposition d'office lorsque :

Ingingo y'123 :
Ubutegetsi bw'ikomine burafise uburenganzira bwo gutangisha ikori uwuritanga atabanje kugishwa inama mu

1° aucune déclaration d'impôt n'a été introduite ;

2° le contribuable a refusé de coopérer à un contrôle fiscal ou a répondu à une demande de renseignements dans les délais prévus à l'article 116 de la présente loi.

Article 124 :
En cas de procédure d'imposition d'office pour absence de déclaration, l'administration communale envoie au contribuable un avis d'imposition d'office qui doit contenir tous les éléments ayant entraîné l'imposition d'office.

Article 125 :
Le contribuable a le droit de formuler, dans un délai de vingt jours calendaires, des observations et des remarques écrites au sujet de l'avis d'imposition d'office.

Le contribuable peut également transmettre des preuves complémentaires à l'administration communale ainsi que toute information démontrant que l'imposition d'office est inexacte.

CHAPITRE VI : DE L'ETABLISSEMENT DE LA NOTE D'IMPOSITION

Section 1 : Des cas d'établissement et de correction d'une note d'imposition

Article 126 :
Une note d'imposition est remise au contribuable lorsque :

1° le contribuable a déposé la déclaration d'impôt dans le délai légal, mais n'a pas payé l'impôt ;

gihe :

1° ata rwandiko na rumwe rumenyesha ikori rwigeze rushikirizwa ;

2° umutangakori atemeye gusuzumirwa amakori canke atanze ivyo asabwa mu biringo bitegekanijwe mu ngingo y'116 y'iri bwirizwa.

Ingingo y'124 :
Mu gihe hafashwe ingingo y'ugutangisha umutangakori ikori canke itagisi atagishijwe inama kubera ko atari yarimenyesheje, ubutegetsi bw'ikomine buramurungikira urwandiko rumumenyesha iyo ngingo rutegerezwa kuba rurimwo ibintu vyose vyatumye arihishwa ikori atagishijwe inama.

Ingingo y'125 :
Umutangakori arafise uburenganzira bwo gushikiriza, biciye mu rwandiko, mu kiringo c'imisi mirongo ibiri ikurikirana, ivyo yiyumvira n'ivyo anegura ku vyashikirijwe mu rwandiko rumenyesha ko arihishwa ikori atagishijwe inama.

Umutangakori arashobora kandi gushikiriza ubutegetsi bw'ikomine ivyemezo vyunganira ivyari bihasanzwe hamwe n'ikindi cose cerekana ko kurihishwa ikori atagishijwe inama bitabereye.

IGICE CA VI : IVYEREKEYE UGUTEGURA URWANDIKO RWEREKANA IGITIGIRI C'IKORI RITOZWA

Agace ka 1 : Ibituma hategurwa urwandiko rwerekana igitigiri c'ikori ritozwa n'ibituma rukosorwa

Ingingo y'126 :
Urwandiko rwerekana igitigiri c'ikori ritozwa ruhabwa umutangakori mu gihe :

1° umutangakori yashikirije urwandiko rumenyesha ikori ririhwa mu kiringo

gitegekanijwe n'amategeko ariko ntabe yararishe ikori ;

2° le contribuable a déposé tardivement sa déclaration ;

2° umutangakori yashikirije yacerewe urwandiko rumenyesha ikori ariha ;

3° l'administration communale a procédé à une rectification de l'assiette ou à une imposition d'office ;

3° ubutegetsi bw'ikomine bwakosoye igitigiri c'ikori ritangwa canke bugira butangishe ikori uwuririha atagishijwe inama ;

4° le contribuable a déposé sa déclaration d'impôt et a payé partiellement les impôts déclarés.

4° umutangakori yashikirije urwandiko rumenyesha ikori ariha, akaba yarishe igice c'ikori yamenyesheje.

Article 127 :
Le contribuable doit payer l'impôt dû dans un délai de trente jours calendaires à partir du lendemain de la date de la réception de la note d'imposition.

Ingingo y'127 :
Umutangakori ategerezwa kuriha ikori yishuzwa mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikirana kuva umusi ukurikira igenekerezo yaronkeyeko urwandiko rwerekana ikori ategerezwa kuriha.

Article 128 :
La note d'imposition constitue un titre exécutoire pour le recouvrement de l'impôt, des intérêts, des amendes et des frais de recouvrement.

Ingingo y'128 :
Urwandiko rwerekana ikori ritegerezwa kurihwa ni urwandiko rurekura ko ingingo yafashwe ikurikizwa ijanye n'ukwishuza ikori, inyungu, amahadabu n'amafaranga akoreshwa mu kwishuza.

Article 129 :
Lorsqu'une erreur matérielle sur la note d'imposition est constatée ou signalée notamment en cas d'erreur de saisie ou de calcul, une correction doit être autorisée par le supérieur hiérarchique des agents qui l'ont établie.

Ingingo y'129 :
Mu gihe hagaragaye canke herekanywe ikosa ry'ukwihenda bisanzwe mu rwandiko rwerekana ikori ritozwa canecane mu gihe habaye ikosa mu kwandika canke mu guharura ikori, rikosorwa bitangiwe uruhusha n'uwutwara abakozi bateguye urwo rwandiko.

Section 2 : Du contenu de la note d'imposition

Agace ka 2 : Ibishirwa mu rwerekana ikori ririhwa

Article 130 :
La note d'imposition doit mentionner :

Ingingo y'130 :
Urwandiko rwerekana ikori ririhwa rutegerezwa kuba rurimwo :

1° le nom et l'adresse du contribuable ;

1° izina ry'umutangakori n'aho abarizwa ;

2° la nature de l'impôt ou de la taxe et la période concernée ;

2° ubwoko bw'ikori canke bw'itagisi ririhwa hamwe n'ikiringo ryerekeye ;

3° le montant de l'impôt ou de la taxe à payer, le cas échéant, les amendes et les autres pénalités y afférentes ;

4° la date limite de paiement de l'impôt ou de la taxe ;

5° le nom et la signature de l'agent autorisé ainsi que la date d'établissement de la note d'imposition ;

6° la possibilité et les conditions d'introduction d'une réclamation auprès de l'administrateur Communal conformément à l'article 124 de la présente loi.

3° igitigiri c'ikori canke c'itagisi ririhwa, bibaye ngombwa, hagashirwamwo amahadabu n'ibindi bihano bijanye ;

4° igenekerezo ntarengwa ry'ukurihirako ikori canke itagisi ;

5° izina n'umukono vy'umukozi yahawe uruhusha rw'ukubikora hamwe n'igenekerezo ryateguriweko urwandiko rwerekana ikori ririhwa ;

6° ko afise uburenganzira bw'ugusaba musintanteri ngo asubiremwo ibiri mu rwandiko rwerekana ikori ariha n'ingene bisabwa hisunzwe ingingo y'124 y'iri bwirizwa.

CHAPITRE VII : DU CONTENTIEUX DE L'IMPOT

Section 1 : Du recours devant l'administrateur communal

Article 131 :

Un contribuable qui conteste la note d'imposition peut introduire un recours auprès de l'administrateur communal dans un délai de trente jours calendaires à compter du lendemain de la réception de la note d'imposition.

L'introduction d'une réclamation auprès de l'administrateur communal suspend l'exigibilité de l'impôt et de la taxe, des majorations, des pénalités et des intérêts de retard.

Article 132 :

L'administrateur communal statue sur le recours et communique sa décision par écrit au contribuable dans un délai de trente jours calendaires comptés à partir du lendemain de la réception de ce recours. Il peut proroger ce délai de trente jours calendaires supplémentaires et en informe par écrit le

IGICE CA VII : IVYEREKEYE AMATATI AJANYE N'AMAKORI

Agace ka 1 : Ugusubirishamwo ingingo kwa musitanteri

Ingingo y'131 :

Umutangakori atemeye ibiri mu rwandiko rwerekana ikori ariha arashobora, mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira uwo yakiririyeko urwandiko rwerekana ikori ariha gusaba musitanteri ngo asubiremwo ingingo yafatiwe.

Ugusaba musitanteri ko ingingo isubirwamwo bihagarika ivy'agateganyo ukuriha amakori n'amatagisi, amafaranga yiyongera ku makori n'amatagisi, ibihano vy'ugutangishwa amahadabu n'amafaranga y'inyungu arihwa kubera ugucererwa kuriha.

Ingingo y'132 :

Musitanteri arafata ingingo ku bijanye n'ingingo yasabiwe gusubirwamwo akayimenyesha umutangakori biciye mu rwandiko mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikirana iharurwa kuva umusi ukurikira uwo yaronkeyeko ikete rimusaba ko ingingo

contribuable.

A défaut d'une décision dans les délais mentionnés ci-haut, le recours est réputé fondé et les impositions contestées révoquées.

Article 133 :
Lorsque le recours est rejeté, la note d'imposition reste valide, à moins que lors de son examen, l'administrateur communal constate des erreurs matérielles ayant entraîné une imposition plus favorable ou défavorable qu'elle n'aurait dû l'être.
Dans ce cas, l'administrateur communal a le droit d'ordonner la correction de la note d'imposition conformément à l'article 132 de la présente loi.

Article 134 :
L'administrateur communal informe le contribuable de sa décision qui est exécutoire sauf en cas d'appel contre la décision.

Section 2 : Du recours devant la commission communale paritaire d'appel

Article 135 :
Une commission communale paritaire d'appel est instituée.

Une ordonnance du ministre ayant l'administration du territoire dans ses attributions détermine son fonctionnement et les modalités de désignation de ses membres.

La commission communale paritaire d'appel doit être composée de façon à assurer la représentation équilibrée des intérêts des parties concernées.

isubirwamwo. Musitanteri arashobora kwongera kuri ico kiringo imisi mirongo itatu ikurikirana agaca abimenyesha umutangakori biciye mu rwandiko.

Mu gihe adafashe ingingo mu biringo bihejeje kuvugwa, ugusubirishamwo ingingo bifatwa ko bifise ishingiro kandi amakori n'amatagisi umutangakori atemera aca afutwa.

Ingingo y'133 :
Mu gihe icasabwe gusubirwamwo kitemewe, urwandiko rwerekana ikori ririhwa ruguma rufise agaciro, kiretse iyo, mu kwihweza urwo rwandiko, musitanteri abonyemwo amakosa ajanye n'ukwihenda bisanzwe yatumye harihishwa ikori rito canke rirenze kandi atari ko vyotegerejwe kugenda.
Muri ico gihe, musitanteri arafise uburenganzira bwo gutegeka ko hakosorwa urwandiko rwerekana ikori ririhwa hisunzwe ingingo y'132 y'iri bwirizwa.

Ingingo y'134 :
Musitanteri aramenyesha umutangakori ingingo yafashe kandi ko ica ikurikizwa kiretse mu gihe yungururijwe.

Agace ka 2 : Ugusubirishamwo ingingo mu mugwi w'ikomine w'iyungururizo ugizwe n'ibice bingana vy'ababishinzwe

Ingingo y'135 :
Harashinzwe umugwi w'ikomine w'iyungururizo ugizwe n'ibice bingana vy'ababishinzwe.

Itegeko ry'umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu riratomora ingene uwo mugwi ukora n'ingene abawugize bagenwa.

Umugwi w'ikomine w'iyungururizo utegerezwa kuba urimwo ababifisemwo inyungu baserukiwe ku rugero rungana.

Article 136 :
Le contribuable qui conteste la décision de l'administrateur communal peut introduire un recours devant la commission communale paritaire d'appel dans un délai de quinze jours calendaires à compter du lendemain de la réception de la décision de l'administrateur communal. Il doit en remettre copie à l'administrateur communal.

Article 137 :
Le recours doit remplir les conditions suivantes :

1° être introduit par écrit ;

2° indiquer le nom, la catégorie d'activité et l'adresse du contribuable ;

3° préciser les impositions contestées et la période concernée ;

4° mentionner la décision de l'administrateur communal, l'objet et les motifs du recours ;

5° être signé par le contribuable ou son représentant ;

6° contenir tous les faits, les preuves et les dispositions légales à l'encontre de la décision de l'administrateur communal.

Article 138 :
La commission communale paritaire d'appel donne un accusé de réception au contribuable dès réception du recours. Elle peut, par écrit, demander des renseignements complémentaires aux parties.

Ingingo y'136 :
Umutangakori atemeye ingingo yafashwe na musitanteri arashobora kuyisubirishamwo mu mugwi w'ikomine w'iyungururizo mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira uwo yakiriyeko ingingo yafashwe na musitanteri. Umutangakori ategerezwa guha ikopi musitanteri.

Ingingo y'137 :
Mu gusaba ko ingingo yafashwe isubirwamwo hategerezwa kugirwa ibi bikurikira :

1° gushikirizwa biciye mu rwandiko ;

2° gushiramwo izina ry'umutangakori, umugwi w'ibikorwa arangura n'aho abarizwa ;

3° gutomora amakori n'amatagisi atemera n'ikiringo yerekeye ;

4° gushiramwo ingingo ya musitanteri, intumbero hamwe n'imvo zatumye isubirishwamwo ;

5° gushirwako umukono n'umutangakori canke uwumuserukira ;

6° kuba harimwo ivyabaye vyose, ivyemezo n'ibitegekanijwe n'amategeko bivuguruza ingingo ya musitanteri.

Ingingo y'138 :
Umugwi w'ikomine w'iyungururizo uraha umutangakori icemeza ko wakiriye ingingo isubirishwamwo kuva uyakiriye. Urashobora, biciye mu rwandiko, gusaba ibishikirizwa vyiyongera ku vyari vyatanzwe n'impande zompi.

Article 139 :

Le contribuable a le droit d'adresser par écrit ses observations, ses remarques et ses arguments juridiques complémentaires à la commission communale paritaire d'appel, même après l'expiration du délai prévu à l'article 136 de la présente loi.

Le contribuable a le droit d'être entendu et assisté s'il en a fait la demande dans son recours.

Article 140 :

La commission communale paritaire d'appel statue sur le recours et communique sa décision au contribuable dans un délai de trente jours calendaires à compter du lendemain de la date de la réception du recours. En l'absence de décision dans ce délai, le recours est réputé fondé et l'imposition litigieuse révoquée.

Article 141 :

Lorsque le recours est accepté, le paiement des impositions, des amendes et des intérêts est suspendu.

Lorsque le recours est accepté en partie, la note d'imposition est modifiée et le contribuable est tenu de payer l'impôt, les amendes et les intérêts concernés.

Lorsque le recours est rejeté en totalité, le contribuable est tenu de payer l'impôt, les amendes et les intérêts concernés.

Ingingo y'139 :

Umutangakori arafise uburenganzira bwo gushikiriza Umugwi w'ikomine w'iyungururizo, biciye mu rwandiko, ivyo yiyumvira n'ivyo anegura ku ngingo yafashwe hamwe n'ivyo ashikiriza bishingiye ku mategeko vyunganira ivyo yari yarashikirije, n'aho ikiringo gitegekanijwe n'ingingo y'136 y'iri bwirizwa coba cararangiye.

Umutangakori arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa no kugira uwumufasha iyo abisavye mu gusubirishamwo ingingo.

Ingingo y'140 :

Umugwi w'ikomine w'iyungururizo urafata ingingo ku bijanye n'ingingo isubirishwamwo, ukayimenyesha umutangakori mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira igenekerezo uwo Mugwi wakiririyeko urwandiko rusaba ko ingingo isubirwamwo. Mu gihe ata ngingo ifashwe muri ico kiringo, ugusubirishamwo ingingo bifatwa ko bifise ishingiro kandi amakori n'amatagisi ateye impari aca afutwa.

Ingingo y'141 :

Mu gihe ivyasabiwe gusubirwamwo vyemewe, ukuriha amakori n'amatagisi, amahadabu n'amafaranga y'inyungu birahagarikwa.

Mu gihe mu vyasabiwe gusubirwamwo hemewemwo bimwebimwe, urwandiko rwerekana ikori ririhwa rurahindurwa, umutangakori na we agategerezwa kuriha ikori, amahadabu n'amafaranga y'inyungu bijanye.

Mu gihe ivyasabiwe gusubirwamwo bitemewe vyose, umutangakori ategerezwa kuriha ikori, amahadabu n'amafaranga y'inyungu bijanye.

Section 3 : Du recours devant le gouverneur de province

Article 142 :

Le contribuable qui conteste la décision de la commission communale paritaire d'appel peut introduire un recours devant le gouverneur de province dans un délai de trente jours calendaires à compter du lendemain de la date de la réception de la décision de la commission communale paritaire d'appel. Il doit en remettre copie à l'administrateur communal.

Article 143 :

Le recours doit remplir les conditions suivantes :

1° être introduit par écrit ;

2° mentionner la référence de la décision contestée, l'objet et les motifs du recours ;

3° contenir tous les faits, les preuves et les dispositions légales à l'encontre de la décision de la commission communale paritaire d'appel.

Article 144 :

Le contribuable a le droit d'adresser par écrit ses observations, ses remarques et ses arguments juridiques complémentaires au gouverneur de province, même après l'expiration du délai prévu à l'article 140 de la présente loi mais avant la prise de décision. Le contribuable a le droit d'être entendu et assisté s'il en a fait la demande dans son recours.

Agace ka 3 : Ukwungururiza ingingo kwa buramatari

Ingingo y'142 :

Umutangakori atemeye ingingo y'Umugwi w'ikomine w'iyungururizo arashobora kwungururiza iyo ngingo kwa buramatari mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira igenekerezo yaronkeyeko ingingo y'uwo mugwi. Ategerezwa guha ikopi musitanteri.

Ingingo y'143 :

Mu gusaba ko ingingo yafashwe isubirwamwo hategerezwa kugirwa ibi bikurikira :

1° gushikirizwa biciye mu rwandiko ;

2° kwerekana inomero y'ingingo itemewe, intumbero hamwe n'imvo zatumye yungururizwa ;

3° ku ba harimwo ivyabaye vyose, ivyemezo n'ibitegekanijwe n'amategeko bivuguruza ingingo y'Umugwi w'ikomine w'iyungururizo.

Ingingo y'144 :

Umutangakori arafise uburenganzira bwo gushikiriza buramatari, biciye mu rwandiko, ivyo yiyumvira n'ivyo anegura ku ngingo yafashwe hamwe n'ivyo ashikiriza bishingiye ku mategeko vyunganira ivyo yari yarashikirije, n'aho ikiringo gitegekanijwe n'ingingo y'140 y'iri bwirizwa coba cararangiye ariko bikaba imbere y'uko afata ingingo. Umutangakori arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa no kugira uwumufasha iyo abisavye mu kwungururiza ingingo.

Article 145 :
Le gouverneur de province statue sur le recours et communique sa décision au contribuable dans un délai de soixante jours calendaires à compter du lendemain de la date de la réception du recours. En l'absence de décision dans ce délai, le recours est réputé fondé et l'imposition litigieuse révoquée.

Ingingo y'145 :
Buramatari arafata ingingo ku bijanye n'ingingo yungururijwe, akayimenyesha umutangakori mu kiringo c'imisi mirongo itandatu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira igenekerezo yakiririyeko urwandiko rwungururiza ingingo. Mu gihe ata ngingo ifashwe muri ico kiringo, ukwungururiza ingingo bifatwa ko bifise ishingiro kandi amakori n'amatagisi ateye impari aca afutwa.

Article 146 :
Lorsque le recours est accepté, la note d'imposition est révoquée.

Lorsque le recours est accepté en partie, la note d'imposition est modifiée et le contribuable est tenu de payer l'impôt, les amendes et les intérêts concernés.

Lorsque le recours est rejeté en totalité, le contribuable est tenu de payer l'impôt, les amendes et les intérêts concernés.

Ingingo y'146 :
Mu gihe ivyasabwe gusubirwamwo vyemewe, urwandiko rwerekena amakori n'amatagisi arihwa ruca rufutwa.

Mu gihe mu vyasabwe gusubirwamwo hemewemwo bimwebimwe, urwandiko rwerekana amakori n'amatagisi arihwa rurakosorwa, umutangakori na we agategerezwa kuriha ikori, amahadabu n'amafaranga y'inyungu bijanye.

Mu gihe ivyasabwe gusubirwamwo vyose bitemewe, umutangakori ategerezwa kuriha ikori, amahadabu n'amafaranga y'inyungu bijanye.

Section 4 : Du recours juridictionnel

Agace ka 4 : Ukwitura sentare

Article 147 :
Toute partie lésée qui conteste la décision du gouverneur de province peut saisir la juridiction compétente. La demande est introduite dans les soixante jours calendaires à compter du lendemain de la date de la réception de la décision du gouverneur de province. Elle doit en remettre copie à l'autre partie.

Le recours juridictionnel ne suspend pas le paiement de la dette fiscale, des intérêts et des amendes.

Ingingo y'147 :
Uwo wese atashimijwe n'ingingo yafashwe na buramatari arashobora kwitura sentare ibifitiye ububasha. Sentare yiturwa mu misi mirongo itandatu ikurikirana iharurwa kuva umusi ukurikira uwo yashikiririjweko ingingo ya buramatari. Ategerezwa guha ikopi uwo baburana.

Ukwitura sentare ntibihagarika ukuriha amakori n'amatagisi aheranywe, amafaranga y'inyungu bijanye hamwe n'amahadabu.

CHAPITRE VIII : DU RECOUVREMENT DE L'IMPOT

Section 1 : Des généralités

Paragraphe 1 : La lettre de rappel

Article 148 :
Lorsque l'impôt n'est pas payé dans les délais prescrits, l'administration communale adresse au contribuable une lettre de rappel indiquant le montant de recettes dues, des intérêts et des amendes à payer ainsi que les poursuites légales qui seront intentés au cas où l'impôt, les intérêts et les amendes ne seraient pas payés dans le délai de quinze jours calendaires à compter du lendemain de la date de la réception de la lettre de rappel conformément à l'article 94 de la présente loi.

Le délai peut être raccourci en cas de risque avéré de non-recouvrement effectif de l'impôt.

Paragraphe 2 : La prescription

Article 149 :
Il y a prescription pour le recouvrement des impôts et des taxes après une période de dix ans à compter de la date d'exigibilité.

L'interruption de la prescription intervient une seule fois par l'un des actes suivants :

1° une lettre de rappel ;
2° un avis à un tiers détenteur ;

3° des saisies des biens ;

IGICE CA VIII : KWISHUZA IKORI

Agace ka 1 : Ingingo rusangi

Agahimba ka 1 : Ikete ry'ukwibutsa

Ingingo y'148 :
Mu gihe ikori ritegerezwa gutangwa mw'ikomine ritarishwe mu kiringo gitegekanijwe, ubutegetsi bw'ikomine burandikira umutangakori ikete ry'ukumwibutsa ryerekana igitigiri c'amafaranga aheranye, amafaranga y'inyungu bijanye n'amahadabu asabwa kuriha n'uko ashobora gukurikiranwa n'amategeko mu gihe ikori, amafaranga y'inyungu bijanye hamwe n'amahadabu bitoba vyarishwe mu kiringo c'imisi icumi n'itanu ikurikirana giharurwa kuva umusi ukurikira igenekerezo umutangakori yakiririyeko ikete ry'ukumwibutsa, bikagirwa hisunzwe ingingo ya 94 y'iri bwirizwa.

Ico kiringo kirashobora kugabanywa mu gihe hari ivyemezo bigaragara vy'uko ikori rishobora kutarihwa ryose.

Agahimba ka 2 : Uguta igihe

Ingingo y'149 :
Bivugwa ko ukwishuza amakori n'amatagisi vyataye igihe inyuma y'ikiringo c'imyaka icumi giharurwa kuva kw'igenekerezo aba yari agereyeko kurihwa.

Uguta igihe bihagarikwa rimwe gusa bivuye kuri kimwe muri ibi bikurikira :

1° ikete ry'ukwibutsa ;
2° urwandiko ruhabwa uwundi muntu afise amatungo y'uwishuzwa ikori ;
3° hafashwe amatungo ;

4° l'inscription hypothécaire légale ;

5° par tout autre moyen prévu par le code civil.

En cas d'interruption de la prescription, un nouveau délai de recouvrement d'une période de dix ans commence à courir à partir du dernier acte interruptif de la précédente prescription.

Paragraphe 3 : La transaction

Article 150 :
Sur demande écrite, l'administrateur communal peut dispenser le contribuable du paiement des intérêts ou des amendes administratives en cas de difficultés économiques ou financières importantes.

La transaction doit intervenir avant l'enrôlement des impositions et ne doit en aucun cas porter sur les taxes collectées sans nécessité de déclaration.

Aucune dispense ne peut toutefois être accordée pour les personnes ayant fait opposition au contrôle fiscal ou faisant l'objet de poursuites pour fraude fiscale.

Article 151 :
Un contribuable bénéficiant d'une transaction doit s'engager à payer le principal des impositions et à ne pas introduire ou reprendre une procédure contentieuse.

4° ukwandikisha ingwati y'ikitimuka yemewe n'amategeko ;

5° biciye mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose butegekanijwe n'Igitabu c'amategeko agenga imanza z'amatati.

Mu gihe uguta igihe bihagaze, haca hatangura guharurwa ikindi kiringo c'ukwishuza c'imyaka icumi kuva kw'igenerezo ryabereyeko icatumye ikiringo giheruka gihagarikwa.

Agahimba ka 3 : Uguheberwa amafaranga yishuzwa

Ingingo y'150 :
Umutangakori abisavye biciye mu rwandiko, musitanteri arashobora gufata ingingo yo kumuhebera amafaranga y'inyungu canke amahadabu ashingwa n'intwaro mu gihe uwo mutangakori ashikiwe n'ingorane zihambaye zijanye n'ubutunzi canke n'ikigega.

Iyo ngingo itegerezwa gufatwa imbere y'ugushinga amakori n'amatagisi atangwa kandi ntiyigera yerekera na rimwe amatagisi atozwa atarinda kumenyeshwa.

Nta na kimwe gishobora guheberwa abatemeye kugirirwa isuzuma rijanye n'amakori n'amatagisi canke basanzwe bariko barakurikiranwa ku busuma bujanye n'amakori n'amatagisi.

Ingingo y'151 :
Umutangakori ahebewe amafaranga y'inyungu n'amahadabu ategerezwa kwiyemeza kuriha amakori n'amatagisi nyezina no kudashingisha canke kutabandanya urubanza.

Paragraphe 4 : Le plan d'apurement échelonné

Article 152 :
Le contribuable peut demander à l'administrateur communal le paiement échelonné de sa dette fiscale. L'échelonnement ne peut pas dépasser douze mois.

Le non-respect par le contribuable des conditions du plan d'apurement échelonné entraîne l'obligation du paiement immédiat du solde dû, sauf dans des circonstances justifiées et appréciées par l'administrateur communal.

Paragraphe 5 : La remise gracieuse

Article 153 :
Les contribuables peuvent introduire un recours gracieux en vue de :

1° remise ou modération de taxes ou d'impôts communaux régulièrement établis, en cas de gêne ou d'indigence les mettant dans l'impossibilité de se libérer envers la comptabilité communale ;

2° remise ou modération d'amendes ou de majoration fiscales, lorsque ces pénalités et intérêts de retard sont définitifs ;

3° décharge de la responsabilité incombant à certaines personnes quant au paiement des taxes ou des impôts dus par un tiers.

Article 154 :
Les demandes sont introduites par les contribuables ou leurs mandataires qui justifient du mandat général ou spécial en vertu duquel ils agissent.

Agahimba ka 4 : Indinganizo y'ukuriha ibicebice ku biringo

Ingingo y'152 :
Umutangakori arashobora gusaba musitanteri ko amwemerera kuriha ibicebice ku biringo amakori n'amatagisi aheranye. Ukuriha ku biringo ntibishobora kurenza amezi icumi n'abiri.

Mu gihe umutangakori atubahirije ibisabwa bijanye n'indinganizo y'ukuriha ibicebice ku biringo aca ategerezwa kuriha ubwo nyene amafaranga asigaye yose, kiretse mu gihe abitangiye insiguro bikemezwa na musitanteri.

Agahimba ka 5 : Uguheberwa amakori n'amatagisi bidaciye mu manza

Ingingo y'153 :
Abatangakori barashobora, bidaciye mu manza, gusaba:

1° guheberwa canke ukugabanirizwa amatagisi canke amakori y'ikomine ashingwa n'amategeko, igihe bashikiwe n'ingorane canke babaye ba ntahonikora bigatuma badashobora kwishura amafaranga bafitiye ikigega c'ikomine ;

2° guheberwa canke ukugabanirizwa amahadabu canke amafaranga yongerwa ku makori n'amatagisi, mu gihe ivyo bihano n'amafaranga y'inyungu asabwa kubera gucererwa kuriha vyabaye ntabanduka ;

3° gukurwako ivyo babazwa vyerekeye abantu bamwebamwe mu bijanye n'ukuriha amatagisi canke amakori ategerezwa kurihwa n'uwundi muntu.

Ingingo y'154 :
Amakete y'ugusaba guheberwa amakori n'amatagisi ashikirizwa n'abatangakori canke intumwa zabo zikora zisunze ububasha zahawe bw'ukubaserukira muri vyose canke muri bimwebimwe.

Article 155 :
Les demandes introduites auprès de l'administrateur communal doivent contenir les indications nécessaires pour identifier l'imposition en cause.

Article 156 :
Après examen, l'administrateur communal notifie par écrit sa décision de remise ou de rejet.

Section 2 : De la fermeture d'établissement

Article 157 :
Lorsqu'un contribuable s'abstient de payer des impositions devenues exigibles et après épuisement de toutes les voies de recours prévues aux articles 131 à 147 de la présente loi, l'administrateur communal ordonne la fermeture provisoire de son établissement jusqu'au paiement total ou partiel de sa dette.

La fermeture est aussi valable lorsqu'un contribuable refuse de fournir les renseignements suite à la demande formulée par l'administration communale.

TITRE IV : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

Article 158 :
Les dispositions de la présente loi relatives à l'impôt sur les revenus locatifs s'appliquent à partir du 1er juillet qui suit l'année de sa promulgation.

Les montants fixés ne font pas obstacle à l'application de l'article 7 de la présente loi.

La loi des finances peut modifier les matières taxables et les tarifs prévus par cette loi.

Ingingo y'155 :
Amakete y'ugusaba guheberwa amakori n'amatagisi ashikirizwa musitanteri ategerezwa kuba arimwo ibisabwa bikenewe kugira hamenyekane ikori canke itagisi umutangakori asaba guheberwa.

Ingingo y'156 :
Musitanteri amaze kwihweza ivyo asabwa, aramenyesha biciye mu rwandiko, ingingo yafashe y'uguhebera canke y'ukudahebera amakori canke amatagisi umutangakori.

Agace ka 2 : Ukwugara ishirahamwe

Ingingo y'157 :
Mu gihe umutangakori yirengagije kuriha amakori yageze kurihwa kandi inzira zose z'iyungururizo zitegekanijwe mu ngingo ziva ku y'131 gushika ku y'147 z'iri bwirizwa zarangiye, musitanteri arategeka ko ishirahamwe ryiwe ryugarwa ivy'imfatakibanza gushika harishwe ikori ryose aheranye canke igice caryo.

Birarekuwe kandi ko ishirahamwe ryugarwa igihe umutangakori atemeye gutanga ivyo asabwe n'ubutegetsi bw'ikomine.

IKIGABANE CA IV : INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

Ingingo y'158 :
Ibitegekanijwe n'iri bwirizwa bijanye n'ikori ku mafaranga yinjira avuye mu bikoteshejwe bizotangura gukurikizwa kuva kw'igenekerezo rya 1 Mukakaro ry'umwaka ukurikira uwo iri bwirizwa rizotangarizwako.

Ibiciro bishinzwe muri iri tegeko bizofatirwako buri mwaka.

Ibwirizwa ritegekanya amafaranga Reta ikoresha buri mwaka rirashobora guhindura ibitigiri vy'amafranga y'amakori n'amatagisi ategekanijwe muri iri bwirizwa.

Article 159 :
Pour la bonne application de la présente loi, les ministres ayant les finances et l'administration du territoire dans leurs attributions prennent toutes les mesures appropriées.

Article 160 :
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

Article 161 :
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Fait à Gitega, le 15 mai 2025

Evariste NDAYISHIMIYE.-

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,

LE MINISTRE DE LA JUSTICE,

Domine BANYANKIMBONA

Ingingo y'159 :
Kugira iri bwirizwa rishirwe mu ngiro neza, umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta n'Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu barafata ingingo zibereye.

Ingingo y'160 :
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

Ingingo y'161 :
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 15 Rusama 2025

NDAYISHIMIYE Evariste.-

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBULIKA,

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,

BANYANKIMBONA Domine.